Ijambo rya buri munsi
Ijambo ry'ubuvugishwa ry'Umunsi

IGICE CA 3

Mukak-Myand-Nyak

2026

Inkuru Nziza

Imisi Yose



KUBUNTU

Kugurishwa Ntivyemewe

Iyi nkuru nziza yo buri munsi yaramaze kurihwa n'abafatanyabikorwa bacu rero irashobora gukwirazizwa ku buntu

Nk'uko amazi apfutse amerera umuntu anyotewe cane, Ni ko n'inkuru nziza zimera, zivuye mugihugu ca kure (Imigani 25:25)

Uebert & BeBe

ANGEL



IVYEREKEYE IGITABO C'INKURU NZIZA YA BURI MUSI

Igitabu c'Inkuru Nziza Ya Buri Munsi ni Ijambo ryawe ry'Ubuvugishwa ku musi ku musi kandi ni igitabu rukristo cubahwa, canditswe kugira ngo gitange ubumenyi mu vy'impwemu kuri buri musi wose w' umwaka. Gitanga ubumenyi bwimbitse, amahishurirwa akomeye, n'ukwatura k'ubuvugishwa vya minsi yose agenewe kurongora abasomyi mu buzima bushingiye kuri Kristo, bushingiye ku nyigisho zihindura n'amahishurirwa atangwa n'Umuvugishwa n'Imana Uebert Angel. Ico gitabu gisohoka buri mezi atatu, citandukanije n' ibindi kubera gishika kw'isi yose, gitangwa ku buntu kandi mu ndimi nyinshi zitandukanye kugira ngo gitsinde intambamyi z'indimi kandi kugira ngo ubutumwa buhindura ubuzima bushikire umuntu wese, aho ari ho hose kw'isi yose. Kigizwe n'imigwi itatu, igitabo c'abakuze, imiyabaga, hamwe n'abana bato kigatanga Ijambo ry'ubuvugishwa k'urunganwe, kigakomeza imiryango gukurira hamwe mu kwizera hamwe n'ihishurigwa.

UEBERT NA BEBE ANGEL

Kubera ko Uebert na BeBe Angel bafise uburambe hamwe n' ubumenyi bwinshi mu gikorwa c'Imana, baracitse amajwi azwi cane mu gukwiragiza Inkuru Nziza y'ubuntu bw'Imana (Euangelion) no guteza imbere ibango ry'ubuvugishwa kw'isi yose. Kubera ko ari abanditsi b'ibitabu bikomeye cane nk'ivyo bita "Intambara yo mu vy'impwemu", "Ibanki z'amasengesho", "Ubushobozi burengeye bw'uwizera", "Ubuzima burongowe n'ubuntu", hamwe n'"igitabo c'Inkuru Nziza ya Buri musi", baragize intererano zihambaye mu bitabu vy'abakristo. Uebert na BeBe Angel bazwi cane kubera umuhamagaro wabo, ubuhinga bushasha bwabo n'uburongozi bufise inguvu bwabo, ni abavugabutumwa baronderwa cane. Nk'imboneza zo kw'isi yose mu vy'ubuvugishwa bakaba n'abatanguje Ishengero ry'Inkuru Nziza canke The Good News Church mucongereza, Ambasade ya Mpwemu (Spirit Embassy), kandi bafise ibango ry'ubuvugishwa, baragize ico bakoze cane ku buzima bw'abantu amamiliyoni kw'isi yose, biciye m'umutima wabo wo gukwiragiza ihishurirwa ry'Inkuru Nziza n'ububasha mpindurabuzima bw'ubuntu bw'Imana (Euangelion).





UKWIZERA KURIHANGANA

Abaheburayo 10:36
Kuko mukwiye kwihangana, kugira ngo ni mwamara gukora ivy' Imana igomba mubone guhabga ivyasezeranywe.

Nabonye abakristo baheba vuba cane imbere y'uko igitangaza cabo kigaragara, ariko mutahure iki: ukwizera kw'ubwoko bw'Imana kuguma gusatira, ntiguhagarika. Ntiguheba, ntikubivamwo, ntigucika intege canke ngo kwemere kwiyonjorora. Ukwihangana si ukurindira gusa ataco uriko urakora ahubwo ni ukwizigira n'umwete ko Imana izokora neza na neza ivyo yavuze. Ukwo kwizera kw'Imana kwanka kunyiganyizwa na gatoya naho ibintu vyoba vyatevye canke vyasubiye inyuma kubera ko kubona ko isezerano ryamaze gushika. Ukwizera kwihangana kuragushira mu kibanza co kubona ibintu vyigaragaza.

Nubwo igihe kigerageza ukwizera kwawe, ukwihangana kurabigaragaza. Iyo ugumye ushikamye, uvuga ljambo, kandi ugakomeza kwitega, amaherezo isezerano riragaragara, kuko Imana si umuntu ngo ibeshe. Ivyo bisigura ko izokora ivyo ivuga mu gihe cayo kandi mu mwanya wayo kuvyerekeye umuryango wawe, ubucuruzi bwawe, n'akazi kawe muri uyu mwaka w'amavuta y'akataraboneka, amavuta atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, komeza ukwizera kwanje kugira ngo nihangane kuburyo ntabivamwo. Ndakiriye ubuntu bw'ukwihangana kwizigira n'umwete ljambo ryawe ubu n'ibihe vyose mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ukwizera kwanje kurihangana. Ndaguma ku masezerano y'Imana gushika mbonye ukugaragara gushitse, ngasunika ubuzima bwanje ku rugero rushasha rw'ubuntu n'amahoro, mw'izina ry'ububasha rya Yesu! Imana ishimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaheburayo 6:12

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 182
Luka 12:32-59; Zaburi 70-71

GoodNews DAILY

ISOKO NYAKURI RY'IVYO UKENEYE

MAbafilipi 4:19
Kand' Imana yanje izobamara ubukene bganyu bgose, nk'ukw itunga ry'ubgiza ryayo riri ryo muri Kristo Yesu.

Kwizigiza Imana amahera yawe bitangura no kuyimenya ko ari yo Soko ryawe nyakuri. Akazi ukora, urudandazwa rwawe n'ibindi ushobora gukora ugatera imbere ni imihora gusa, ariko Imana ubwayo ni yo Soko. Iyo ukwizigira kwawe kuvuye ku bushobozi bwawe kukaja ku Mana, amaganya aca ahera, ntabubasha asubira kukugirako, amahoro aca yuzura mu mutima wawe. Ubutunzi Imana itanga ntibuzibigwa nibisanzwe bizibira ubutunzi bw'iyi si. Imana iguha ivyo akeneye bivanye n'ubutunzi bwayo mu buninahazwa no mubwiza , atari mu bukene bwo kw'isi.

Iyo ushize amahera yawe mu minwe y'Imana, iragwiza ubutunzi, ikagufungurira imiryango utari witeze, kandi ikagira urutonde rw'ibintu bidasanzwe. Kwizigira Imana mu vy'amahera yawe si ukuba ikijuju canke kuyayata; ahubwo n'ubwenge buva ku Mana. Imana niyo nyene ibintu vyose kandi irazi gutunga abana bayo mu bihe vyose vyoroshe n'ibikomeye. Imana, igwiza ifi zibiri n'imikate itanu kugira ngo igaburire abantu ibihumbi bitanu, irashobora gufasha urudandaza rwawe n'umuryango wawe muri uyu mwaka w'amavuta y'akataraboneka!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndakwemera ko ari We Soko n'inkomoko y'ivyo nkeneye. Ndashira amafaranga yanje mu minwe yawe, nizigiye uguhazwa nawe muri vyose. Gwiza ubutunzi bwanje, unyugururire imiryango idasanzwe! Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Imana ni yo Sôko ryanje. Ndashira amafaranga yanje mu minwe yayo kandi ngenda mu gutegura ibintu birengeye ibisanzwe. Ubukene si igice c'amajambo yanje; ntibushobora kwegera aho mba mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 121:1-2

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 183
2 Ngoma 21-22; Ivyakozwe n'intumwa 25



IMANA YAMA KU MWANYA

1 Petero 5:10
Kand' Imana igira ubuntu bgose, yabahamagariye ubgiza bgayo budashira muri muri Kristo, ni mwaheza kubabazwa akanya gato, izobahingura rwose ubgayo, izobaremesha, ibahe inkomezi.

Dukorera Imana yihangana mu vyo itugirira. Ni we yitwa Umusaza w'Imisi n'ibihe. Ukwihangana kwiwe gufatanye cane n'ibihe. Ivyanditswe bivuga ko imyaka 1.000 ari nk'umusi umwe kuri we. Imana ntiba muri kahise canke kazoza. Iba muri kubu kandi gahoraho.

Ivyo twumva ko bicerewe kuri twebwe ntivyigera bicererwa ku Mana. Ivyanditswe bitwereka ko kenshi yihishura hagati nyene mu ngorane. Urukundo Shaduraka, Meshaki na Abedenego bakunda Imana mu gihe c'amagorwa rwatumye yinjirana na bo mu muriro. Imana yarahinduye itanure ry'umuriro rihinduka ikibanza kirimwo akayaga gakanye!

Niwizere Imana imbere y'umuriro, mu gihe c'umuriro no mu nyuma yawo. Nta na rimwe icererwa; izokwiyerekana igihe kinini mu gutunganya ubuzima bwawe!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Wamyeho kibirengeye, ndakwizigiye imbere y'umuriro wose, mu gihe c'umuriro wose, n'inyuma yawo. Ntabara mu ngorane zanje; untunganye, unshingire intahe, unkomeze, unshire ahabona. Hindura ibigeragezo vyanje ibishingantahe kandi uryoshe ubuzima bwanje!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Imana yanje izokwiyerekana. Yama ishika ku gihe, kandi igitangaza canje ntikizokwigera gikurwaho mw'Izina rya Yesu rikomeye! Aleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Ab'i Korinto 4:17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 184
2 Ngoma 23-24; Ivyakozwe n'intumwa 26



GoodNews DAILY

IMANA IHINDURA IMANZA WACIRIWE

Daniyeli 7:22
Gushitsa Uwa mbere na mbere aje_Usumba Vyose_ atsindishiriza abera b'Isumba vyose; nukw igihe kirashika, abera begukira ubwami.

Imana ni yo Mucamanza mukuru afise intebe y'ubwami irengeye urubanza rwose rwo kw'isi. Iyo ubuzima, abantu canke ibintu bishitse ku ciyumviro kibi ku bijanye n'aho uzoshika, Umwami Imana aratera intambwe kugira ngo ahindure ivyavuyemwo. Hari ibihe bisa n'uko umwansi yaronse ivyicaro vy'amategeko, akugara inzugi kandi akavyonga iterambere ryawe. Yamara, nk'uko nyene mu vyo Daniyeli yeretswe, Imana irahaguruka ikongera kwandika ingingo ya nyuma. Ikirego cose c'impwemu, inyandiko y'amadayimoni, n'imivumo yo mumiryango vyose birakurwaho igihe Umwami Imana isumba Vyose yahozeho yicaye agaca urubanza.

Iyo Imana itwara muri wewe, hama ikaba umucamanza, inzinguzingu za kahise zirasenyuka, intumbero z'ubuzima zirahinduka, icubahiro kiragaruka. Nta kirego gihagarara iyo imbabazi ziwe zitsinze. Wizere ko Imana ari yo ifise ijambo rya nyuma ku bijanye n'ubuzima bwawe. Naho ibintu vyoba bisa n'ibicerewe, wibuke yuko igihe ciwe ari co gitunganye. Azokwinjira mw'isaha y'impinduka ikomeye, kandi ivyasa n'ukuneshwa bizohinduka intahe ininahaza Imana.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, haguruka uncire urubanza rw'ukuri. Hindura urubanza rubi rwose rwavuzwe ku bijanye n'ubuzima bwanje. Kuraho ibirego, Senyagura inzinguzingu z'ikibi zose, hama hagaruke ukubahwa. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Urubanza rwose rubi rwo ku bijanye n'ubuzima bwanje rurahindurwa. Inkuru yanje irasubirwamwo ku bw'ubuninahazwa bwiwe mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yesaya 54:17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 185
2 Ngoma 25-27; Ivyakozwe n'intumwa 27:1-26



ISENGESHO RYUGURURA IMIRYANGO IDASHOBOKA

Ivyakozwe n'intumwa 12:5
Nuko Petero arindirwa mw ibohero: arikw ab'ishengero baramusengera, batakambira Imana bakobeje.

Narabonye akamaro k'isengesho mu buzima bwanje no mu micungararo yanje mu buryo budasanzwe ku buryo nshobora kumenyesha n'ubushizi bw'amanga ko isengesho rikora! Hari inzugi zitazokwigera zuguruka gushika isengesho rivuzwe. Petero yari yugaranywe apfungiwe inyuma y'amarembo n'imyango y'ivyuma, acunzwe n'abasoda, kandi yari yateguwe kwicwa, ariko ishengero ryarasenze. Isengesho ryabo ryatumye haba ubufasha bw'abamarayika muguca iminyororo, gufungura amarembo, gukiza Petero bitagoranye namba.

Ivyo vyerekana ko ata bohero rikomeye cane, ata kintu gikomeye cane, kandi ata rugi rukingiwe cane isengesho ridashobora kugurura. Amasengesho yawe ahamagara akongera agahagurutsa abamarayika, agacecekesha imigambi y'amadayimoni, kandi agashitsa ubugombe bw'Imana. Iyo usenga, ibidasanzwe bica bihinduka ibisanzwe, ibidashoboka na vyo bigahinduka ibishoboka.

Ntuterwe ubwoba n'ubunini bw'inzitiro; ishimire kandi wizere amasengesho , usenga Imana y'ububasha. Imiryango wiyumvira ko izoguma yugaye ibihe vyose izokwiyugurura bukwi na bukwi igihe uzokwambaza ijuru biciye mu gusenga.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, uko ntabaza Ijuru biciye mu gusenga, ugurura umuryango wose udashoboka imbere yanje. Reka iminyororo icike, amarembo yuguruke, n'ugukora kw'abamarayika guhaguruke kubwanje!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Urugi rwose rurwanya ubuzima bwanje rurafungurwa n'ububasha bw'Imana uko nkora ibanga ry'ugusenga mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Matayo 7:7-8

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 186
2 Ngoma 28-29; Ivyakozwe n'intumwa 27:1-26



IZINA RITEGEKA UBUTEGETSI

Abafilipi 2:10
kugira ngw amavi yose az' apfukame mw izina rya Yesu, ay' ivyo mw ijuru n'ay' ivyo kw isi n'ay' ivy' i kuzimu,

Izina rya Yezu si ijambo ry'idini risanzwe; ni intebe y'ubwami n'ubushobozi isumba izindi zose mu bibanza vyo mw'isi iboneka n'iyitaboneka. Iyo uvuze Izina ryiwe, uba uriko urambaza ububasha bwose bw'izuka ryiwe n'intsinzi yaronse ku caha, urupfu n'umwiza. Muri iryo Zina, amadayimoni arajugumira, indwara ziragoyagoya, urutonde rw'Imana rugashingwa.

Ububasha butegekanijwe n'amategeko butekewe mw'Izina rya Yesu burazwi mw'ljuru, buratinywa I kuzimu, kandi buraterwa iteka kw'isi. Ivyabaye vyose, naho vyoba bikomeye gute, bitegerezwa gupfukama iyo Izina rya Yesu ritangajwe mu kwizera. Koresha Izina ryiwe n'ubushizi bw'amanga mu gusenga, mu ntambara, mu ngingo no mu kwatura. Ivyo udashobora guhangana n'inkomezi z'umubiri, urashobora kubitsinda biciye mw' Izina ryiwe!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndasenga n'ubushizi bw'amanga Izina rya Yesu ku buzima bwanje. Ndamenyesha ko mw'Izina rya Yesu, ivi ryose ryo mw'ljuru, kw'lsi n'ikuzimu ripfukama imbere y'ubwami bwiwe. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mw' Izina rya Yesu rikomeye, ivi ryose rirwanya ubuzima n'intumbero y'ubuzima bwanje rirapfukama, kandi intambara yose iratsindwa munsi y'ububasha bwiwe. Ndamenyesha amahoro mubinkikuje no mubinyerekeye mw'Izina rya Yesu ry'ububasha! Amen.

KUNONOSORA INYIGISHO
Mariko 16:17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 187
2 Ngoma 30-31; Ivyakozwe n'intumwa 28



GoodNews DAILY

UGUTONESHWA GUTANDUKANYA

Zaburi 5:12
Kuko Wewe, Uhoraho, uzohezagira umugororotsi; uzomukikuza ugutoneshwa nk'inkinzo.

Ugutoneshwa ni ikimenyetso c'Imana c'itandukaniro ku buzima bw'umuntu. Ni inkurikizi zidasanzwe zituma abantu, ibintu, ama systemes n'amabakwe bikwishura neza. Iyo Imana igukikuje ugutoneshwa, uba uwukundwa mubandi bose.

Yosefu yari mu gihugu c'amahanga, kitari ic'amavukiro, yamara ubutoni bw'Imana bwaramutandukanije n'abandi mu nzu ya Potifari, mw'ibohero, amaherezo no mu kirimba ca Farawo. Ugutoneshwa ni ikimenyetso c'itandukaniro Imana igushirako kugira ngo igaragaze ko yemera umuryango wawe, ubucuruzi bwawe, amahera yawe n'akazi kawe.

Ubutoni buraduza, burateza imbere, kandi burihutisha ibintu. Ugutoneshwa canke ubutoni bukuraho urutonde , bugacecekesha abakurwanya, kandi bukugurura imiryango utari gushobora kwugurura. Iyo ugutoneshwa kukuriko, ibigoye abandi bica bikubera ivyoroshe. Ugutoneshwa si ikintu ukurikirana canke wiruka inyuma; ni ikintu gisaba ko wishira mu kibanza co biciye mu kugamburuka, kwumvira, ukwicisha bugufi, n'ubucuti bw'inkoramutima n'Imana.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami, unkikuze ugutoneshwa nk'inkinzo. Reka ubuntu bwawe butandukanya bushire ikimenyetso ku buzima bwanje, ku muryango wanje, ku bucuruzi bwanje no ku kazi kanje, kugira ngo kwemerwa nawe kugaragare mu vyo nkora vyose.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nkikujwe n'ubutoni bw'Imana. Ndakundwa, ndatandukanijwe, kandi ndaduzwa hejuru aho nja hose. Sinshobora kwankigwa kuko ubuntu bubandanya kumvugira mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Daniyeli 1:9

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 188
2 Ngoma 32-33; Abaroma 1



GoodNews DAILY

IMANA IKWITANGIRA IMBERE MU NTAMBARA

Gusubira mu vyagezwe 20:4
kuk' Uhoraho Imana yanyu ari we ajanye namwe, ngw abarwanire n'abansi banyu, abahe kunesha.

Ntiwigeze uremwa kugira ngo urwane intambara z'ubuzima wenyene. Imana igenda imbere yawe nk'umurwanyi w'umunyarugamba, ikora ibikorwa vy'agatangaza bitamenyerewe, icecekesha abansi bihishije, igatuma ingamba n'imigabo vya Satani bidakora imbere y'uko bigaragara. Intsinzi nyinshi uronka ku musi ku musi ni intambara Imana yarwanye kubwawe utanazizi.

Iyo Imana igenda imbere yawe, ubwoba buratakaza ububasha bwabwo kandi ivyijiji n'ukutabona iyo uja biratakaza ububasha bwavyo. Ahagaze imbere y'ivyo uzoshikako, akamenya neza ko ata kirwanishwa nakimwe gicuriwe kukugwanya kizogira ico kimara. Uruhara rwawe ni ukumwizigira no kuguma uhuye n'Ijambo ryiwe. Iyo Imana ikurwanira, intambara zatsinze abandi zizogushira hejuru. Ihagararire gusa urabe agakiza k'Umwami Imana kagaragara mu mice yose y'ubuzima bwawe! Aleluya!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami, genda imbere yanje mu ntambara yose y'ubuzima bwanje. Ndwanira, ucecekeshe abansi bihishije, usenye imitego itaboneka, kandi usangangure ubuhinga bwose bwa satani mw'Izina rya Yesu rikomeye. Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uhoraho ni we agendera imbere yanje, akandwanira, akankiza. Nta ntambara izorengera ubuzima n'iyerekwa ryanje, nta kirwanishwa c'umwansi categuwe n'abakozi b'abantu biwe kizoshobora kundwanya mw'Izina rya Yesu! Imana ishimwe !

KUNONOSORA INYIGISHO
Yesaya 52:12

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 189
Luka 13:1-21; Zaburi 72-73



URUKUNDO RW'IMANA RUTANANIGWA

Yeremiya 31:3
Uhoraho yanyiyeretse kera, ati N'ukuri naragukunze urukundo rudashira; ni co gituma nkwiyegerezanya imbabazi.

Urukundo rw'Imana si urw'ibihe, urw'inyiyumvo, canke urw'ibintu: ni urw'ibihe bidahera. Imbere y'uko umumenya, yaragukunze. Bibiliya ivuga ko igihe twari tukiri abanyavyaha, Kristo yadupfiriye. Imbere y'uko usenga isengesho ryawe rya mbere, yaragutoye. Urukundo rw'Imana rugumaho naho ibintu vyoba bihindagurika. Urukundo rw'abantu rwoshobora kunanirwa, rukazimangana canke rugakonja, mugabo urukundo rw'Imana rwo ruguma rutanyiganyiga.

Urukundo rwiwe rurakurikirana, rurakiza, rukirura, rurakosora, rurakomeza. Ntirucira urubanza; ahubwo rurahindura. Urukundo rw'Imana ni nanga mu bihuhusi, ni inkinzo mu ntambara, ni ihumure mu mibabaro. Iyo vyose bihungabana, urukundo rwiwe ruraguhagarikira . Urukundo rw'Imana ntirugaragazwa n'ukubura intambara, ahubwo rugaragazwa n'ukubaho kwayo mu gihe c'intambara. Urazwi bimwe bishitse, uracunzwe, kandi urakunzwe bimwe bishitse. Nta kintu na kimwe gishobora kugutandukanya n'urukundo rwiwe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndakira kandi ndaruhuka mu rukundo rwawe rudahera, kandi rutananirwa. Reka Ubuntu bwawe bw'urukundo bunyegere, bunkize, bunsubizemwo itoto, bunkomeze. Ube inanga yanje mu bihuhusi, inkinzo yanje mu ntambara, n'impumurizo yanje mu mibabaro.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nduhukiye mu rukundo rw'Imana rudahera. Nta kintu na kimwe mu buzima canke mu bihe bidahera gishobora kuntandukanya n'urukundo rwiwe! Imana ishimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaroma 8:38-39

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 190
2 Ngoma 34-36; Abaroma 2



GoodNews DAILY

INEZA Y'IMANA NTIHERA

Abaroma 2:4
Cank' ukengera itunga ryo kugira neza kwayo n'iry' imbabazi zayo n'iry' ukwihangana kwayo? Ntuzi yuko kugira neza kw'Imana kugushikana ku kwihana?

Ineza y'Imana ntigoyagoya canke ngo ibe iy'igihe gito; n'umusesekara, ushikamye, kandi uguma utemba. Ineza yiwe irakwega imitima, ikagarura icizigiro, ikavyura abarushe. Ivyiza turonka ntibiterwa n'ugutungana kwacu ahubwo ni kubera ineza yiwe irengeye urugero. Ineza yiwe iguma idukurikirana n'igihe turiko turarwana canke duca mu bigeragezo bitandukanye. Ineza y'Imana ni ikintu kikwibutsa mu bugwaneza ko ari ku ruhande rwawe, atari ukurwanya. Ushobora kwiheka kuri we.

Ineza y'Imana yama ari nshasha kumusi ku musi, ikugurura imiryango, ikorosha intambara, igahindura ibidashoboka. Imbabazi zose waronse ni ikimenyamenya c'ineza yiwe. Iyo ubuzima bumeze nk'ububabare, ubuntu bwiwe burazana ihumure; iyo isi imeze nk'iyikanye, ubuntu bwiwe burashusha umushaha wawe. Uko igihe c'umwiza coba kingana kwose, ineza y'Imana izogusanga. Muzotorwa, mutoranywe kugira ngo muduzwe mu ntebe, muri promotion muri uyu mwaka w'amavuta y'akataraboneka!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimira ineza yawe itigera ihera. Reka ineza yawe inkurikire kandi imfate, ikureho inzitizi mu ntambara yose, yugurure imiryango, ihindure ibidashoboka mw'izina rya Yesu. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ineza y'Imana irakikuje ubuzima bwanje kandi ihora inyobora mu guhura n'ivyiza vyayo vyimbitse mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Kuvayo 34:6

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 191
Ezira 1-2; Abaroma 3



INKINZO Y'IMANA

Zaburi 3:3
Yamara wewe, Uhoraho, ur' inkinzo inkīngira, Ur' icubahiro canje, ni Wewe ushira hejuru umutwe wanje.

Ukurindwa n'Imana ni inkinzo iri ku gikorwa ikikuje akarere kose k'ubuzima bwawe. Inkinzo y'Imana irazibira ibitero ubona n'ivyo utabona. Ivyago vyinshi vyari gushobora kuguhonya vyarahagaze kuko Imana yahagaze hagati yawe n'umwansi. Ukukurinda kwiwe gukora ku ubwenge bwawe, amagara yawe, amafranga yawe, umuryango wawe n'aho uzoshika.

Nturi wenyene; urakikujwe. Inkinzo y'Imana ntiyinjirirwa; nta mwampi w'umwiza ushobora kuyitobora. Igihe ubwoba butanguye kukwongorera mu matwi, wibuke ko Imana Ubwayo ariyo Igukingira. Uburinzi bwiwe ntibubura mu gihe c'amagorwa; bunakayangana cane iyo hari akaga. Ico kikwitambitse imbere cose gitegerezwa guhura n'inkinzo y'Imana, haguhura n'intege nke zawe. Urakomejwe kandi urakingiwe n'Ishobora vyose. Guma mu mutekano n'impore vy'Ukurindwa n'Imana muri uyu mwaka w'Amavuta Atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami, uri inkinzo yanje n'uburinzi bwanje. Kumwe n'ukurindwa nawe kudashobora kwinjiranwa, kikuza ubuzima bwanje, umuryango wanje, amagara yanje, ubutunzi bwanje, na kazoza kanje. Reka umwampi wose w'umwiza uhagarikwe, n'imigambi yose y'umwansi icanganikirwe! Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Umwami n'inkinzo yanje. Ndakingiwe, sinkorwako kandi ndarinzwe n' Ububasha bw'Imana ubu n'ibihe vyose! Haleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 28:7

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 192
Ezira 3-5 ; Abaroma 4



UBUNTU BWO GUTANGA

2 Ab'i Korinto 9:7
Umuntu wese natange nk'ukw abigabiye mu mutima wiwe, atababaye cank' atagōberewe, kukw Imana ikunda ūtanga anezerewe.

Gutanga ni ubuntu, si umuzigo. Iyo gutanga bitemba biva mu rukundo no mu kwumvira, bica bihinduka imbuto Ijuru ryemera kandi rikagwiza. Gutanga birakuraho impwemu y'ugukehanirwa, birasenyura ubukunzi bw'inda, kandi bigashira umukirisu aho yakira ibiva mu rutonde rw'umusesekara rw'Ubwami bw'Imana. Uwutangana umunezero ntatanga kubera umukazo, ukwicira urubanza canke ubwoba ahubwo atanga kubera guhishurirwa ko ivyo afise vyose vyamubikijwe n'Imana.

Iyo utanga, uba wifatanije n'umugambi w'Imana kandi uba wuguruye amarembo y'ugutanga kwayo. Gutanga ntibipimwa n'ubunini bw'imbuto ahubwo bipimwa n'ingene umutima uhagaze. Ubuzima bwo gutanga buhamagara ugutoneshwa n'Imana, uturyo tudasanzwe, n'uguhabwa ivyo ukeneye ng'ubeho. Ubuntu bwo gutanga ni ubuntu bwo kwakira. Urinjiye mu kiringo gishasha c'umusesekara biciye mu gutanga kwawe. Vyimenyereze!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami, rekura ubuntu bwo gutangana inkomezi zose, n'umutima unezerewe. Umutima wanje uwubohore ugukehanirwa n'uguhatirwa. Untumbereze kumurongo w'Umusesekara wo mu Bwami Bwawe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubuntu bwo gutangana umunezero biri kuri jewe, kandi umusesekara uratemba mu buzima bwanje ata nzitizi, ata burimbi, atawubitangiriye mw'Izina rya Yesu! Amen.

KUNONOSORA INYIGISHO
Imigani 11:25

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 193
Ezira 6-8 ; Abaroma 5



GoodNews DAILY

UBWIZIGIRWA BUDAHINDUKA

Gucura intimba 3:23
Ingene uri Umwizigirwa biratangaje, imbabazi zawe zama ari zisha uko bukeye.

Ubwizigirwa bw'Imana niho ivyizigiro vy'umukristo wese bishingiye. Ntahinduka, ntahindagurika, canke ngo Ananirwe. Iyo abantu bahindutse, igihe ibintu bihungabanye, n'igihe ubuzima buhindutse ubugoyagoya, Imana iguma ari Yayindi. Ubwizigirwa bwiwe bushingiye kuri Kameremere Kiwe: Arashitsa imihango yose, yibuka isezerano ryose, kandi ashitsa ijambo ryose yavuze ku buzima bwawe.

Imana ntiriko iraharura amakosa yawe, kandi ntipima Ubwizigirwa bwayo irabiye ku twigoro n'uko ibihe urimwo bimeze. Naho woba uhindagurika, Aguma yiyemeje kwizigirwa. Ubwizigirwa bw'Imana ni co gitumye ugihagaze, urinzwe kandi ukaronswa ivyo ukeneye. Nta gihe na kimwe Imana Iheba uwayo. Ubwizigirwa bwiwe ni co kiguha icemezo c'uko ivyo yatanguye mu buzima bwawe, Izobisozera muri uyu mwaka w'Amavuta Atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mana Udahemuka, nshingiye ivyizigiro vyanje muri Wewe. Urakoze ku mbabazi zama ari zishasha buri gitondo. Ndazi ko washikije umuhango wose n'ubuvugishwa bwose bujanye n'ibinyerekeye, umuryango wanje, amafranga yanje, n'ubucuruzi bwanje mw'izina rya Yesu. Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mpagaze mu Bwizigirwa bw'Imana budahinduka. Ico cose yasezeranye cerekeye ubuzima bwanje, ubuvugishwa bwose bwamvuzweko, iyerekwa ryose ryatanzwe n'Ijuru kuvyerekeye kazoza kanje. Bizoranguka mw'Izina rya Yesu. Haleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Guharura 23:19

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 194
Ezira 9-10 ; Abaroma 6



IMANA IKIZA

Kuvayo 15:26
Arababarira, ati Ni mwagira umwete wo kwumvira Uhoraho Imana yanyu, mugakora ibitunganye mu nyonga ziwe mukumvira ivyagezwe vyiwe, mukitondera ivyo yihanikirije vyose, ngo Nta ndwara azobateza nk' izo yateje Abanyegiputa; ngo Kukw ari we Uhoraho, abakiza indwara.

Imana Ntiyigaragaza gusa nk'Umukiza ariko kandi k'Uwukiza. Ugukiza Kwayo ntikugera gusa kuvy'indwara. Kuragera no ku bikomere vy'imitima, no kuguterwa kwo mu vyiyumviro, no kuguterwa mu vy'impwemu no kukubazwa kuva kuri karande yo mu miryango. Iyo Mana nyene yakijije Isirayeli mu bugaragwa ntiyahindutse. Ugukiza Kwayo kuratemba biciye mw'Ijambo Ryayo.

Ugukira si ikintu Imana ikora rimwe na rimwe; biri muri Kameremere Kayo. Irakoza abagwaye, irasubizamwo ubuzima imibiri yajanjaguwe, Igakanda imitima yavunitse, igahindura ubuzima bwononekaye. Nta ndwara, canke ico abaganga batoye, canke ubumuga biri hejuru y'Ububasha Bwayo. Aho imiti igera ikananirwa, Ugukiza kw'Imana gutangura gukora utwumiza! Gukira biroroshe! Haleluya!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami, Ni wewe Unkiza. Ndakiriye Ububasha Bwawe mu mubiri wanje, mu vyiyumviro vyanje, mu mushasha wanje no mu mpwemu yanje. Kiza ivyo vyose ubuzima bwononye, ugaragaze Ugukiza Kwawe, mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Kubw'ububasha bwa Yehova Rafa, indwara yose mu mubiri wanje, mu vyiyumviro, no mu mushaha wanje irakize mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 107:20

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 195
Nehemiya 1-3 ; Abaroma 7



GoodNews DAILY

YESU UWUTUVUGIRA

1 Yohana 2 :1
Bana banje bato, mbandikiye ivyo kugira ngo ntimukore icaha. Kandi ni hagira umuntu akora icaha, dufise Umwitsa kuri Data wa twese, ni Yesu Kristo umugororotsi.

Umukristo wese afise uwumuserukira mw'Ijuru mu buryo bw'amategeko: Yesu Kristo, Uwutuburanira. Ntatuburanira ashingiye ko tubibereye, ahubwo ashingiye ku Kugororoka Kwiwe n'igikorwa Ciwe yarangije ku musaraba. Iyo umwansi atureze, Yesu aca avuga. Iyo ukwicira urubanza kuvyutse, Yesu arakuvugira. Iyo urubanza rugerageza kukubohera hasi, Yesu ahagarara mu kibanza cawe.

Ukutuburanira Kwiwe kuracecekesha ikirego cose, bugakuraho icitwazo cose c'umwiza, kandi bugatuma ushobora kwegera Data ata bwoba. Ntiwigera uba wenyene muri sentare y'ubuzima; Yesu ubwiwe araguserukira. Amaraso yiwe ni co kimenyamenya cawe, ukugororoka kwiwe ni kwo kugupfutse, ugusenga kwiwe ni kwo kukugwanira. Ntazokwigera aguheba canke ngo agutererane. Niwizere Ijambo ryiwe!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimira ko biciye kuri Yesu Kristo, ikirego cose n'ugucirwa urubanza kwose bicecekeshejwe n'amaraso yiwe. Ndaronka uburenganzira bwo guza imbere y'intebe yawe y'ubwami n'ubushizi bw'amanga, nkingiwe n'igikorwa ca Kristo carangiye. Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Yesu, Umuvugizi wanje, Umujanama wanje, Uwumburanira, Inkinzo, n'Umurinzi wanje, aravuga ku bwanje. Ikinyagiriza cose co mu buzima bwanje kirarengerwa n'Ukugororoka Kwiwe. Umwami Ashimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaroma 8:34

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 196
Luka 13:22-25 ; Zaburi 74-76



GoodNews DAILY

YESU, UMWAMI W'AMAHORO

Yesaya 9:6
Kuk' umwana atuvukiye, duhawe umwana w'umuhungu; ubutware buzoba ku bitugu vyiwe: azokwitwa Igitangaza, Umujanama, Imana y'ubushobozi, Data wa twese ahoraho, Umwami w'amahoro.

Yesu, Umwami w'Amahoro, ntatanga amahoro gusa ahubwo ni amahoro Ubwiwe. Aho ukuhaba kwiwe kuri, ibihuhusi biratakaza ijwi ryavyo, ubwoba na bwo buratakaza ububasha bwabwo. Amahoro ya Yesu si nk'umutekano w'isi wo ushingiye ku kungene bimeze hanze; ni icizigiro kidasanzwe gishingiye ku busegaba bwiwe. Amahoro yiwe aganza mu bihe vy'akaduruvayo aho inkomezi zitaboneka zigerageza gukuraho uguterimbere kwawe. Utekane urabona ukurokorwa n'Umwami!

Iyo Yesu agaragaye mu kibazo kanaka, ukuzazanirwa kurahera, amaganya arahera, kandi urutonde rw'Imana rugasubira kubaho. Amahoro Yiwe arinda umutima n'ubwenge, kandi agakomeza impwemu. Naho ubuzima bwoba buteye umuvurungano, Umwami w'Amahoro arahagarara atakimunyiganza. Atanga amahoro ava mu ntsinzi yiwe, atari ayavuye mu biriko biragushikira. Ayo mahoro ni umugabane wawe udashobora guhakanwa.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami Yesu, ndaguhaye ikaze mu karere kose k'ubuzima bwanje. Cecekesha imituragaro yose, janjagura amaganya n'ubwoba, unsubizemwo amahoro! Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Umwami w'Amahoro araganje mu buzima bwanje. Imituragaro yose irafukama. Ubuzima bwanje bwuzuye ugutekana kuva ku Mana mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yohana 14:27

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 197
Nehemiya 4-6 ; Abaroma 8:1-21



UWUDUHAGIJE

2 Ab'i Korinto 3 :5
S'uko dushobora ubgacu kwiyumvira ikintu cose nk'ah' ari twebge candurutseko, ariko dushobozwa n'Imana.

Ndakwemeje neza, nk'umuvugishwa w'Imana, ko uguhazwa kw'ukuri kutaboneka mu ngabire, mu butunzi, mu kumenyana canke mu nkomezi. kuboneka muri Kristo wenyene. Yesu niwe soko ry'ivyo ukeneye vyose kugira ngo ushitse umugambi w'Imana ku buzima bwawe. Iyo ubushobozi bwawe bugabanutse, ubuntu bwiwe buguhaza muco ukeneye. Iyo ubutunzi bugabanutse, ukugusahiriza kwiwe kurasesekara. Iyo ubwenge busa n'ubufise aho bugarukira, ubumenyi bwiwe bucika akarusho kawe.

Yesu Arahagije rwose. Uko urushiriza kumwizigira niko Ububasha Bwiwe bugenda burahishurirwa. Uburimbi ufise si ingorane; ahubwo ni nk'igitumirira ukuguhaza kwiwe ngo kugaragare. Aruzuza ikinogo cose, akomeza intege nke zose, kandi akaronsa ivyo umuntu akeneye vyose. Ntaco uzobura kuko Kristo ni we aguhagije muri uyu mwaka w'Amavuta y'Akataraboneka!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndahevye ukwigwanirira nizeye Ubuntu Bwawe gusa. Uzuza igihengeri cose, usubirize intege nke zanje inkomezi zawe, unshiremwo ivyo nkeneye vyose, nkomeza kubwo gushitsa umugambi wawe! Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mwami Yesu, ndatangaza ko ari Wewe umpagije. Ivyo nkeneye vyose ndabifise muri Wewe, kandi nta karere k'ubuzima bwanje nakamwe kazokehanirwa. Mbayeho mu musesekara ngo mbere umugisha urunganwe rwanje mw'Izina rya Yesu. Imana Ishimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
AB'i Filipi 4 :13

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 198
Nehemiya 7-9 ; Abaroma 8:22-39



GoodNews DAILY

ISOKO RY'AMAGARA AVA KU MANA

Yesaya 53:5
Yamara yacumitiwe ivyacu bicumuro, yajanjaguriwe ivyacu bigabitanyo: igihano kituronkesha amahoro cabaye kuri we, kand' imishishagu yiwe ni yo idukiza.

Amagara y'Imana si ukutagira indwara gusa. Ni ugutemba kw'ubuzima bwa Kristo mu mibiri yacu. Umwami Yesu yatubereye ugukira mu kubabazwa kwiwe. Imishishagu yiwe yaturonkeje ibirenze ugukira; yaduhesheje ukubaho buri musi mu nkomezi zidasanzwe, tunonotse, kandi mu buzima bushitse.

Amagara y'Imana bisigura ko umubiri wawe urongorwa n'ubuzima bwo mu mpwemu aho kurongorwa nubw'umubiri bufise aho bugarukira. Yesu niryo soko ry'ubwo buzima. Uko uguma muri we, Amagara y'ubumana Yiwe aratemba, akagusubizamwo inkomezi, akagarura uturere twononekaye—harimwo n'ibihimba bikuru vy'umubiri wawe—kandi akarwanya ukugoyagoya. Nturiko urwana kubw'amagara; uriko urakomeza ivyo Yesu yamaze kukuronkera. Haleluya!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndakiriye amagara y'Imana biciye mu gikorwa carangiye ca Kristo. Kubw'imishishako yiwe, ndakomejwe wese, mu nguvu, n'ukunonoka kw'umubiri wanje, mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubuzima bwa Yesu butemba muri jewe. Ngenderera mu magara y'Imana, mu nkomezi n'ukunonoka bidasanzwe imisi yose y'ubuzima bwanje. Nta kigwanishwa c'ikibi cacuriwe kunshira hasi kirama mw'Izina rya Yesu. Amen!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Petero 2:24

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 199
Nehemiya 10-11 ; Abaroma 9:1-15



UKURORANIRWA ATA MUBABARO UGUHEREKEJE

Imigani 10 :22
Umugisha w'Uhoraho uratungisha, kandi nta mubabaro awuvangamwo.

Ukuroranirwa kw'Imana gutandukanye n'ukwo isi imeze. Ubutunzi bw'isi kenshi buzanana amaganya, gukoreshwa nabi, kurenga amategeko, n'ubwoba bwo gutakaza. Ariko iyo Imana ihaye ukuroranirwa umuntu, Imuronsa amahoro, umunezero, n'ugushikama mu vy'impwemu. Ukuroranirwa kw'Imana ni muri vyose: gukora ku vy'amafranga yawe, ku migenderanire yawe, ku buzima bwawe, ku ntumbero yawe no ku bo ubereye icitegererezo. Aburahamu, Isaka na Yosefu ntibateye imbere kubera ubenge bw'abantu ahubwo kubera umugisha Imana yabasezeraniye.

Kuroranirwa si ukwegeranya ubutunzi gusa; ni uguhabwa ubushobozi bwo gushitsa umugambi w'Imana ku buzima bwawe ata gahinda. Imana irahimbarwa no guteza imbere abana bayo kugira ngo babe umuhora y'ukwubakwa kw'Ubwami, kandi babe n'ibishingantahe vy'ineza yayo. Iyo Imana Iguteje imbere, n'ibihuhusi ntibishobora kuzimiza umuhezagiro wawe, abansi ntibashobora gusenyura ukuja hejuru kwawe. Ndabona ugusukwa kw'ukuroranirwa kwinshi ku rugo rwawe; nta ciza uzobura muri uyu mwaka w'Amavuta Atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndakiriye umugisha untungisha kandi nta mubabaro uwuherekeje. Ntezimbere mu buryo bwose mu mpwemu, mu mushaha, mu mubiri nk'igishingantahe kizima c'ukugiraneza Kwawe muri uyu mwaka. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Umugisha w'Umwami uri kuri jewe, urantungisha, kandi nta mubabaro uwuherekeje. Uguterimbere kwanje kurarinzwe mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 112 :1-3

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 200
Nehemiya 12-13 ; Abaroma 9 :16-33



GoodNews DAILY

UBUSHOBOZI BW'IMANA BUTAGIRA AKARIMBI

Yeremiya 32:17
nt' Ewe Mwami Uhoraho! Erega ni wewe waremye ijuru n'isi, ubiremesha ubushobozi bgawe buhambaye, n'ukuboko kwawe kurāmvuye: nta kintu na kimwe kikunanira.

Imana ntishobora gusobanurwa. Yicaye mu kwikuza kwayo nyene, kandi ububasha bwiwe nta karimbi bugira, ntibugira aho bugarukira, ivyananiranye vyo kw'isi ntibibukorako. Aravuga itazanure rikabaho; Arategeka imisozi igashinguka. Igitera ubwoba umuntu ntaco kivuze imbere y'Imana. Ububasha bwiwe burenze ubwenge bw'abantu, burahindura ingingo zafashwe, burasubira gutumbereza kazoza kawe, kandi burangura ivyo inkomezi z'umuntu zidashobora.

Iyo ububasha bw'Imana buriko burakora, inzitizi zirasenyuka, ingŏgo zikamenagurika. Imana, yaremye citwa Isi lyikuye mu busa, Ikayibwira ngo igumaho ata "aho" iteretseko hahari, kandi Isi yaramwumviye.

Benedata, ububasha bw'Imana ntibugabanuka ntaco bitwaye umwanya canke ibihe; buguma uko buri ibihe bidashira. Imana igusaba gusa kuyizera ko ari Imana yawe muruyu mwaka w'Amavuta Atangaje.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami Mwiza, ndizera Ububasha Bwawe batagira akarimbi. Ramvura ukuboko kwawe kw'ububasha ku buzima bwanje. Kuraho inzitizi yose, ujanjagure ingŏgo yose, uhindukize ivyananiranye vyose mw'izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ububasha bw'Imana butagira akarimbi burakora mu buzima bwanje. Ivyananiranye vyose bipfukama imbere y'Ubukuru Bwiwe. Ndi ku ruhande rw'abatsinda; kumwe n'Imana nduw'intsinzi mw'Izina rikomeye rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Luka 1:37

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 201
Esiteri 1-2 ; Abaroma 10



GoodNews DAILY

UMUFASHA YAMA ASERUKA

Zaburi 46:1
Imana ni yo buhungiro bgacu n'inkomezi zacu, n'umufasha atabura guseruka mu magorwa

Yesu si umuntu yihweza ibintu ari kure. Ni umufasha yama ahari, yama ari hafi ngo afashe igihe cose umuhamagaye. Imfashanyo yiwe nticerezwa n'umwanya, ntizibirwa n'ukwo ibintu bimeze canke ngo igabanurwe n'inkomezi zawe. Ingorane iba ari iyo mu mutima, iyo mu vy'impwemu canke iyo mu mubiri, Yesu Arahagaze nk'uwugufasha ubwo nyene. Kumwe na Yesu, umuryango wawe ntuzosenyuka, ubucuruzi bwawe ntibuzohomba, n'ubutunzi bwawe ntibuzotemba.

Yesu aca mu muriro hamwe nawe, mu mituragaro muri kumwe, no mu biyaya ari imbere yawe. Ubufasha bwiwe ni ubw'ako kanya, ni ubudasanzwe kandi bwiharije. Ibikurengeye ntaco bivuze imbere y'Ububasha Bwiwe. Iyo ubuzima bushatse kukuvuna, Ubufasha Bwiwe buragushigikira. Iyo ibintu bisa n'ivyananiranye, Ubufasha Bwiwe buca inzira. Yesu s'Umufasha bisanzwe, ni Umufasha wawe, w'umwizigirwa, yamaho, kandi atananirwa.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami Yesu, nirukiye kuri Wewe nk'ubuhungiro n'inkomezi zanje. Tambukira mu kibazo cose mfise co ku mutima, mu vy'impwemu no ku mubiri. Hagarikira umuryango wanje, Ukingire ubucuruzi bwanje! Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Sinzogira ubwoba, kuko Yesu ari kumwe nanje buri gihe. Yesu ni igitandara gikomeye mpagazeko. Sinzonanirwa mu bucuruzi bwanje; Ubuzima bwanje burashurika inkuru nziza nzira uko nsohotse uko ninjiye! Imana Ishimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaheburayo 13:6

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 202
Esiteri 3-5 ; Abaroma 11:1-18



UBWIZA BUDUHINDURA

Zaburi 27:4
Ico nsaba Uhoraho ni kimwe, ni co nzohora nitwaririka: N'ukuba mu ngoro y'Uhoraho imisi yose y'ubugingo bwanje, Nkaraba ubwiza bw'Uhoraho, nkihweza urusengero rwiwe

Yesu ni we nyene agaragaza ubwiza bw'Imana: atunganye mu bweranda, akayangana mu buninahazwa, kandi ata n'umwe agereranywa mu bwiza. Uko urushiriza kumubona, niko ubwiza bwiwe buguhindura. Ukuhaba kwiwe kurahezagira ingeso zawe, kurasukura imvo zawe, kandi kurasubiza ubushasha akaranga kawe. Ivyo isi yita ubwiza birazimangana, ariko ubwiza bwa Yesu ni ubw'ibihe bidahera kandi buguma bwiyongera.

Ubwiza bwiwe buhindura isoni zikaba icubahiro, ivu rikaba ubuninahazwa, n'uguhungabana bikagira ubutungane. Iyo umaze umwanya uri imbere yiwe, kamere yiwe itangura kugaragara mu buzima bwawe. Uca urushiriza kugira ubugwaneza, gukomera, gusukurwa no gukayangana. Yesu ntagira ubuzima bwawe bwo hanze gusa bwiza, ariko kandi aha ubwiza umuntu wawe wo mu mutima umunezero, amahoro, ubuntu n'ubutoni.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami Yesu, uko mbona ubwiza bwawe, hindura ubuzima bwanje. Sukura imvo zanje, umpe akaranga gashasha, uhindure ingeso zanje nziza m'ubuninahazwa bwawe, ubuntu bwawe, amahoro yawe n'ubutoni bwawe. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubwiza bwa Yesu buri kuri jewe. Ubuzima bwanje burakayangana ubuninahazwa bwiwe, ubusukure bwiwe n'ubuntu bwiwe mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Ab'i Korinto 3:18

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 203
Luka 14:1-24; Zaburi 77-78



UMWANDITSI W'IHEREZO RYACU

Abaheburayo 12:2
Dutumbereye Yesu wenyene, ni we nyanduruko yo kwizera kandi ni we yaguszoreye; uwo, kubw'umunuzero yashizwe imbere, yihanganiye umusaraba, ntiyagira ikindi isoni zawo, avyagira I buryo bw'intebe y'Imana

Iherezo ryawe ryatanguye kuri Yesu, si imigambi y'abantu. Imbere y'uko uremwa, ni we yanditse umugambi wawe, arategura inzira yawe, araguha intsinzi zawe. Yesu ni we mwanditsi kandi ni we arangiza. Ivyo atangura, ni we abishigikira, ivyo ashigikira, ni we abishitsa. Nta gusubira inyuma gukuraho inyandiko yiwe, nta gucererwa guhindura umugambi wiwe, kandi nta mwansi ashobora gusubira kwandika iherezo ryawe.

Iyo ushize amaso kuri Yesu, urujijo rurazimangana. Arakurongora, akakuyobora, akagukosora, akagukomeza, akagusubiza mu kibanza gushika ubuzima bwawe buhuye n'ivyo Ijuru ryanditse. Muri Yesu, iherezo ntirikekeranya: riratekanye, rirakingiwe kandi riratunganye. Bizoba ari igikorwa ciza, kirangiye igihe Yesu azoheza ivyo yatanguye muri wewe muri uyu mwaka w'amavuta atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ni wewe watanguje kandi uri uwurangiza iherezo ryanje. Yobora inzira yanje, ushigikire umugambi wawe muri jewe, ucecekeshe ukurwanya kwose, utunganye ivyo washinze vyose ku buzima bwanje. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Iherezo ryanje ryanditswe kandi rirangizwa na Yesu. Ntagishobora guhagarika ivyo yashinze ku buzima bwanje! Shima Umukama!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abafilipi 1:6

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 204
Esiteri 6-8; Abaroma 11:19-36



UGUTAZIRA KWUGURURA IJURU

Yohana 4:23
Arikw igihe kiza, kandi kirashitse, ni ho abasenga b'ukuri bazosengera Data mu mpwemu no mu kuri, kuko Data arondera abamusenga bameze bartyo

Gutazira ni ikintu kirenze indirimbo; ni ikirere gikwega ubufasha bw'Imana. Ugutazira kw'ukuri kwugururа amajuru, gutumira Imana ngo yerekane ububasha bwayo. Iyo umutima wawe upfukamye imbere yiwe ata buryarya, Imana iratera intambwe mu vyo urimwo n'ububasha burengeye ubw'abantu. Gutazira biguhuza n'umutima wiwe. Bisenyura ukurwanywa kw'impwemu, bikarema inzira y'ibitangaro.

Uko nkora ibiteramo n'ibikorane binini binini y'abantu, narabonye ko ibitangaro bitagira uko bingana n'ugukiza bidasanzwe bishika mu kirere c'ugutazira. Gutaziraa bikuraho ibisamaza kandi bikaninahaza Imana gushika ingorane zawe zigabanutse iyo ugereranyije. Iyo ugutazira guhagurutse, Ijuru ririshura. Uyu mwaka w'amavuta atangaje wuzure ugutazira.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, uko ngutazira mu mpwemu no mu kuri, ugururа ijuru ku buzima bwanje. Erekana ububasha bwawe, urekure ibitangaza, kandi ureke ibitangaro bitembe mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uko ntazira mu mpwemu no mu kuri, ijuru rirugurukira ku buzima bwanje, Imana irinjiramwo n'ububasha mu vyo ndimwo mw'izina rya Yesu. Alleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 22:3

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 205
Esiteri 9-10; Abaroma 12



GoodNews DAILY

IMANA HEJURU YA VYOSE

Zaburi 145:3
Uhoraho arahambaye, abereye gushimwa cane:Ubukuru bgiwe ntibushobora guserangurika

Ubukuru bw'Imana ni bunini cane. Ubwenge bw'abantu busanzwe ntibushobora gutahura neza uburebure bw'ubwenge bwiwe, uburebure bw'ububasha bwiwe, canke ubunini bw'ubuninahazwa bwiwe. Ariko wewe uri umuntu atamenyerewe, adasanzwe, kuko ufise umutima wa Kristo! Ivyo Yesu akora vyose birangwa n'ivyiza cane, haba mu kurema, mu gucungura, canke mu gutunganya ibintu ku musi ku musi.

Ubukuru bw'Imana ntibushobora guserurwa, yamara irakwihishurira bihagije kugira ngo ikomeze ukwizera kwawe. Igihe ubuzima wumva burengeye urugero, wibuke yuko Uwufise inyenyeri mukiganza ciwe ari we afise ubuzima bwawe. Uwuha inkuba ububasha bwayo n'umuravyo umuvuduko wawo ari kumwe nawe, kandi nta kintu na kimwe kinini cane ku bubasha bwiwe canke gito cane ku buryo atoshobora kucitwararika. Ubukuru bwiwe buratuma ata sezerano uzobura, ata ntambara utazotsinda, kandi nta kiringo co guhunga ububasha bwiwe. Ishime, nturi uwuneshwa, ahubwo uri uwunesha!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mana y'ubushobozi isumba vyose, hishura ubukuru bwawe mu buzima bwanje. Rengera imipaka yose maze ukore ibidashoboka. Reka Ububasha bwawe buganze ibintu vyose mu buzima bwanje.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubukuru bw'Imana burakikuje ubuzima bwanje. Ububasha bwiwe butagira uko bungana burankorera, kandi ntakimunanira mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yeremiya 32:17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 206
Yobu 1-2; Abaroma 13



UGUHIMBAZA GUSHIRA IMANA KUNTEBE Y'UBWAMI

Zaburi 22:3
Ariko wewe ur' uwera,Intebe yawe ikikijwe n'ishimwe rya Isirayeli

Uguhimbaza si igikogwa co kwisamaza. Ni ivy'ugushira Imana ku ntebe y'ubwami. Iyo ushimagiza Imana, uba uyihaye umwanya wo kuganza ivyo urimwo. Guhimbaza birahindura ikirere, bikuraho uburemere, kandi bikazana ukubaho kw'Imana mu vyo uriko uracamwo. Bihindura ivyiyumviro vyawe bikava muntambara uriko ucamwo bikaja k'Uwutigera atsindwa.

Guhimbaza ntibishingiye ku kuntu wiyumva. Bishingiye ku co Imana iri. Iyo ushize hejuru ishimwe ry'ubuninahazwa, abamarayika barakora, Imana ikagaragaza ububasha bwayo. Guhimbaza bitumira ubutware bwiwe, ubwenge bwiwe n'intsinzi yiwe mu buzima bwawe. Nta bidukikije biguma biri uko biri aho Imana yicaye ku ntebe y'ubwami. Reka uyu mwaka w'amavuta atangaje ube umwaka w'uguhimbaza kudasanzwe kuva ku minwa yawe bija ku Muremyi wawe, maze urabe ibintu bihinduka mu buzima bwawe!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami, uko ndaguhimbaza, ja ku ngoma mu buzima bwanje. Ububasha bwawe bugaragare, ubuninahazwa bwawe buboneke, uganze ibintu vyose mw'izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uko mpimbaza Imana, ukubaho kwayo kuruzura ubuzima bwanje. Niwe yicaye ku ntebe y'ubwami ku vyo ndimwo, kandi intsinzi igaragara mu buzima bwanje mw'Izina rya Yesu! Amen.

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 47:6-7

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 207
Yobu 3-4 ; Abaroma 14



IMANA ITANESHWA

Kuvayo 15:3
Uhoraho n'intore mu ntambara, Uhoraho ni ryo zina ryiwe

Kuva mu bihe bidahera vya kera gushika mu bihe bidahera vyo muri kazoza, Imana ntiyigeze itsindwa urugamba. Uguhangana kwose mu Vyanditswe guhishura ubukuru bwiwe. Yasatuye ibiyaga kugira ngo abatowe biwe bajabuke hama aroha ingabo za Farawo, umwansi wabo. Yarasenyuye ibihome, aracecekesha intare, yongera atsinda ingabo ata nkota adugije. Intsinzi ziwe ni iz'ukuri.

Amateka y'Imana yo kutaneshwa ni yo akwiye kugutera ukwiyemera . Iyo ahagaze kubwawe, gutsindwa bica biba ibidashoboka. Intambara zisa n'izikurengeye nta co zimaze imbere y'Uwutegeka inyenyeri n'amasi. Ntiyiga umwansi wawe; umwansi wawe arajugumira iyo havuzwe izina ryiwe.

Ruhukira muri uku kuri: Imana ikurwanira ntiyigeze imenya gutsindwa. Bibiliya ivuga ngo reka Imana ihaguruke abansi bayo basanzare! Ico cotera ubwoba cose ubuzima n'umugambi w'Imana kubwawe kizogwa nka Goliyati, akubiswe n'ibuye ry'akataraboneka rivuye ku Mana, muri uyu mwaka w'amavuta atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, Uri "intore mu ntambara." Haguruka kubwanje. Urwanye intambara yose, unumishe umwansi wese, utembagaze ukuneshwa kwose, kandi ugaragaze intsinzi idashobora guhagarara mu buzima bwanje, mw'izina rya Yesu rikomeye. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Imana itaneshwa irangwanirira. Mfise Umuhinga adasanzwe ku ruhande rwanje. Intsinzi ni umugabane wanje, kandi gutsindwa ntibishoboka kuri jewe muri uyu mwaka w'amavuta atangaje!

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 24:8

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 208
Yobu 5-7; Abaroma 15:1-13



KURONDERA IMISHAHA: AHO UMUTIMA W'IMANA UTERERA

Luka 19:10
Kand' Umwana w'umuntu yazanywe no kurondera no gukiza icari cazimiye.

Kurondera imishaha ni igikogwa kiri 'kumutima w'Imana. Ubutumwa bwa Yesu bwose kw'isi bwari bushingiye ku kugarura abantu kuri Data. Iyo turondeye imishaha, twifatanya n'ivyo Ijuru rishira imbere. Isengesho ryose, ubutumwa bwose n'igikorwa cose c'impuhwe ni akaryo ko gukura umuntu mu mwijima ukamujana mu muco wa Kristo.

Kurondera imishaha ntibigenewe abantu bake batoranijwe canke abapasitori n'abavugabutumwa gusa. Ni ishingano y'umukristo wese. Ijuru rihimbarwa n'umushaha wose wazanywe mu bwami. Iyo ushingira intahe Yesu, Ijuru riragushigikira, Mpwemu Yera akaguha ubushobozi, na Yesu ubwiwe ahagararana nawe. Nta kindi gitera Imana umunezero kuruta kubona abana bayo barokora abazimiye.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, n'udomeke muri jewe urukundo rw'imishaha. Urakoze guha ubushobozi intahe yanje, ukayobora intambuko zanje, ukugurura imitima, ukankoresha mu gukiza abazimiye ku musi ku musi. Reka ubuzima bwanje bukwegere abantu kuri Kristo aho nja hose mw'Izina rya Yesu rikomeye.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nditeguye kandi ndiho kugira ngo nkoreshwe nk'umutsinzi w'imishaha mwiza kandi n'icabona c'ubushizi bw'amanga ca Kristo. Abantu baraza kuri Kristo uko nkurikiza uburongozi bwa Mpwemu Yera. Biciye kuri jewe, imishaha irarokoka, igashika mu muco wa Kristo.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yohani 15:16

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 209
Yobu 8-10; Abaroma 15:14-33



GoodNews DAILY

UGUTERA IMBERE GUTANGAJE

2 Abakorinto 9:10
Kand' Iha umubivyi imbuto n'imitsima yo kurya, ni yo izobaha, ibongeranirize imbuto zanyu zo kubiba, kand' izogwiza imbuto z'ukugororoka kwanyu.

Imana si yo itanga imbuto gusa, ariko kandi ni yo igwiza imbuto. Iyo ushize ivyo ufise mu minwe yiwe, aratuma vyiyongera birenze ubushobozi bwa kamere. Ukwo gutera imbere kwayo ntikugarukira ku butunzi, ku vyo wakuriyemwo canke ku bushobozi bw'umuntu. Irya Mana nyene yagwije amavuta y'umupfakazi iracariko iragwiza ivyo abana bayo batanga mu kwizera.

Ugutera imbere ni ikintu nyakuri gishingiye ku ngingo ngenderwako ku bantu bubaha Imana mu butunzi bwabo kandi bakizigira intunganyo yayo idasanzwe. Imbuto yawe ishobora gusa nuko ari nto, ariko mu maboko y'Imana, itwara ubukuru. Nimwitege ko hariho ugutera imbere kudasanzwe kuzokora ku mahera yanyu, ivyiyumviro vyanyu, amahirwe yanyu, ukumenyekana kwanyu, n'impinduka zanyu mubantu. Ugutera imbere si impanuka; ni uguhuza ibidasanzwe n'ibisanzwe kugira ngo muronke umwimbu mwiteze muri uyu mwaka w'amavuta atangaje!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndashize imbuto yanje mu minwe yawe. Yihemereko kandi uyigwize birenze urugero rw'ibisanzwe. Amen!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Imana iragwiza imbuto zanje ikagwiza ubushobozi bwanje, kandi ituma ugutera imbere kurengeye ukw'abantu gutemba mu rwego rwose rw'ubuzima bwanje mw'Izina rya Yesu. Aleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Luka 6:38

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 210
Luka 14:25-35; Zaburi 79-80



UBWIZA BWAGARUWE

Hagayi 2:9
Ubgiza bgo hanyuma buzoza kur' iyi ngoro buzorusha ubga mbere, ni k'Uhoraho Nyen' ingabo agize, kand' aha hantu nzohaba amahoro, ni k'Uhoraho Nyen' ingabo agize.

Intambara zo mu buzima rimwe na rimwe zikwiba ugushira amanga, umwete n'amahirwe. Ariko rero, Imana irasubiza ubuninahazwa. Ntigarukana gusa ivyo watakaje. Ahubwo irabigwiza, igatuma bishasha biza ari binini kuruta ivya mbere. Isirayeli yararize kubera ubwiza bw'urusengero rwa Salomo bwatakaye, yamara Imana yasezeranye urusengero rushasha rufise ubwiza bwinshi kuruta. Uko ni ko Imana ikora: ukuvunika umutima kwa kera ntigusobanura ibihe vyo muri kazoza.

Imisi yawe myiza ntiyigera iba inyuma yawe iyo Imana iri muvyawe. Igarukana icubahiro, ubunini, inkomezi, iyerekwa n'umuriro w'impwemu. Naho igihe cawe c'imbere coba cari gifise isoni canke ugucererwa, igihe gikurikira gitwaye ubwiza bwinshi kuruta. Nimwitege ivyiza vy'Imana, ivyiza bidasanzwe, n'icubahiro gishasha muri uyu Mwaka w'Amavuta atangaje.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, garukana ubwiza bwanje. Ibintu bishasha uriko urakora mu buzima bwanje bigaragare kugira bose babone ubunini bw'ubwiza bwawe bugaragara. Impa inyishu mu Mpande zose kugira abansi banje bamaramare, mw'Izina rya Yesu rikomeye.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubuninahazwa bwanje bugiye kuza buzoruta ubwa mbere. Imana izogarura ivyo natakaje vyose kandi ibigwize mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yoweli 2:25-26

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 211
Yobu 11-13; Abaroma 16



UBUSHOBOZI BW'ISENGESHO RISHISHIKAYE

Luka 18:1
Abacira umugani wo kubigisha ko bakwiye guhora basenga, ntibarambirwe,

Isengesho ni impwemu umukristo ahumeka kandi ni moteri y'intsinzi yo mu mpwemu. Igihe cose usenga, utumira Leta yo mw'Ijuru mu bikorwa vy'Isi. Gusenga udatezuka biramenagura ukurwanywa kw'impwemu, bisenya inzitizi zitaboneka, bikugurura inzira y'ivyo Imana yamaze gushinga ubuzima bwawe. Yesu yigishije ko gucika intege bitangurira aho amasengesho yakamye. Ku bw'ivyo, ugushikama mw'isengesho si uguhitamwo; ni ngirakamaro cane, ni itegeko.

Iyo wihaye ubuzima bwo gusabana n'Imana ubudasiba, ikirere gikikuje ubuzima bwawe kiraheza kikaba cuzuye ububasha bwayo. Guceregwa mu buzima kurapfukama kubera isengesho rishikamye, kandi ibihome birasenyuka kubera umukazo wo mu vy'impwemu uhoraho. Imana ntivyurirwa umutima n'ubwoba ahubwo ivyurirwa umutima n'ukwizera gukomeye kugaragazwa n'isengesho. Isengesho ribe ubuzima bwawe bwa misi yose, ntiribe inyishu y'ivyihutirwa muri uyu mwaka w'amavuta atangaje.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, mpagaze imbere y'intebe yawe y'ubuntu kugira ngo nshobore guhabwa ububasha n'ugushikama n'umwete mwinshi. Kubera Mpwemu wawe, nzosenga gushika ndonseigitangaza canje. Umuhamagaro wanje uzoshika ku rugero rudasanzwe uko nsenga ntahagarika muri uyu mwaka w'amavuta atangaje!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uko niyemeza gusenga ubudasiba, ibintu vyose bikomeye mu buzima bwanje bihebera ububasha bw'Imana mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Abatesalonika 5:17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 212
Yobu 14-16; 1 Abakorinto 1



IMPINDUKA IVA INDANI

Abaroma 8 :10
'Bisanzwe Kristo ari muri mwebge, umubiri uba upfuye kubg' icaha, arikw impwemu ni nzima kubgo kugororoka. '

Abakristo benshi biyumvira ko gucika umuntu mushasha muri Kristo bisigura ko utegerezwa kwiyeza, ukarushiriza kwihatira guhimbara Imana, ntukore ikosa na rimwe. Ubwo buryo bwo kwiyumvira uko busiga benshi bacitse intege mu ngendo yabo kuko sikwo kuri. Ukuri ni uko tutahamagariwe kugaragaza ubuzima bushasha dukoresheje inkomezi zacu bwite. Ico ni igikorwa ca Mpwemu Yera.

Umurongo w'uyu musi urakwibutsa ko Kristo aba muri wewe, kandi Mpwemu Wiwe wenyene ni we aguhindura biva indani bikagaragara hanze. Rero, reka kugerageza guhinduka ku nguvu n'inkomezi zawe. Ahubwo reka Mpwemu Yera azane impinduka ritangurira imbere. Naho woba wiyumvira ko bizokugora gute guhinduka, reka Imana ikore igikorwa gitangaje.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, Urakoze kumpindura biva indani bigaragara hanze. Kubwa Mpwemu Wawe ndahinduka kandi ndahezagiwe mw'Izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Sinzokwigera nshavura mu rugendo rukristo rwanje. Kristo muri jewe atuma ntajanjagurwa, ntatsindwa, kandi ntera imbere mu vyo nkora vyose uno musi!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'i Galatiya 2:20

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 213
Yobu 17-19; 1 Ab'i Korinto 2



GoodNews DAILY

UBWENGE BURUTA AMABUYE Y'AGACIRO

Imigani 8:11
Kuk' ubgenge buruta utubuyenge twitwa marijani; Kandi mu bintu bihimbara vyose nta gihwanye na bgo.

Ndamaze guhura n'abagabo n'abagore benshi bafise ubumenyi. Bamwe bafise impamya bushobozi zo hejuru mu vyigwa bigoye, abandi nabo buzuye ugushimwa kubw'imitwe yabo ifise ubushobozi bwo hejuru ku vyerekeye ubumenyi. Ariko kumwe n'ubwo bumenyi, Bibiliya itwigisha ko Ubwenge bubiruta. Kuki ivyo? Ni kubera Ubwenge ari ihishurirwa, ni ugutahura kw'ibwina ivy'ukuri vy'Imana.

Iyo ugendera mu bwenge, ntushobora kwigera uhendwa n'isi; ntushobora kwigera urushwa n'abizigira ubwenge bw'isi. Muri uyu mwaka w'amavuta atangaje, tahura ko Kristo ari we Bwenge bwawe nk'uko biri mu 1 Ab'i Korinto 1:30. Ivyo bisigura ko udakora nk'abantu basanzwe; ufise inkomoko yindi kandi uruta kure n'iyo abo mw'isi. Kora nk'uko kuva ubu!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Urakoze Data, Kumpa ubwenge bw'Imana, Ukanyuzuza ugutahura kw'impwemu. Kubera ivyo, ngendera mu ntsinzi idahera mw'Izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Kuko nitwaje ubwenge, Ndabona ivyo abandi batabona. Ubutunzi buhishijwe n'ubwanje, ubumenyi bw'ibwina muvy'amagara ava ku mana n'ubwanje. Ntaco nzokena kandi sinzonanirwa. Imana Ihabwe icubahiro!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Ab'I Korinto 2:7-8

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 214
Yobu 20-21 ; 1 Ab'i Korinto 3



KWITWARARIKA UGUTAZIRA

Yohana 4:24
Imana ni Mpwemu: kand' abayisenga bakwiye kuyisenga mu mpwemu no mu kuri.

Iyo abakristo bumvise ijambo ugutazira Imana, ikintu ca mbere kiza mu vyiyumviro vyabo ni umuziki mpimbazamana ugenda buhoro. Gutazira Imana birarenze ivyo. Reka ndabikwereke mu nsiguro yavyo.

Ugutazira ni ukwemeza n'ugushima ineza, imigisha, ubugwaneza, n'ubugororotsi bw'Imana. Uko umutazira, uvuga Ico ari. Nk'akarorero, iyo uvuze ngo «Mwami, uri Mwiza; uri Umugwaneza, » n'ibindi, uba uriko urasobanura, wemera kandi ushima kamere kiwe.

Imana irakunda iyo uyitazira gutyo kuko vyerekana Uwo ari we mu buzima bwawe; bimutandukanya n'abantu bose n'ibindi vyose. Ikindi, ugutazira kutuzanira guhishurirwa Imana kuruta. Muri ubwo bwoko bw'ubusabane, Arakwihishurira. Arahishura kandi kazoza kawe, ubuzima bwawe n'ibindi vyinshi cane. Abatazira Imana b'ukuri ntibashobora kubura uburongozi buva ku Mana. Ivyo uvyitwararike cane, bizohindura ubuzima bwawe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami mwiza, ndemeza kandi ndashima Ubwizigirwa Bwawe, Ubugwaneza Bwawe, Urukundo Rwawe n'Ubuntu Bwawe Bukorera muri jewe. Ndagushimiye bivuye mu mutima ugutazira mw'Izina rya Yesu Kristo!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uyu mwaka, intahe zitangaje kandi nziza cane zizobandanya kuba umugane wanje kubw'umutima wanje wuzuye ugutazira mw'Izina rya Yesu Kristo!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'i Filipi 3:3

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 215
Yobu 22-24; 1 Ab'i Korinto 4



UMUSESEKARA W'AMAVUTA ATANGAJE

Yesaya 28:21
Kuk' Uhoraho azohaguruka nk'uko yahagurutse ku musozi Perasimu, azoraka nk'uko yarakiye mu kiyaya c'i Gibeyoni; akore igikorwa ciwe, igikorwa ciwe c'igitangaza, ashitse igikorwa ciwe, igikorwa ciwe c'akumiza.

Mbajije abantu nimba bemera ko Imana yaremye isi yose canke ko yazuye Yesu mu bapfuye, benshi bovyemera ata gitutu c'ugukekeranya. Ariko ku mvo zidatahuritse, kucerekeye ububasha nyabwo bukora mu buzima bwacu, aho benshi baca barayikekeranya.

Mu Baheburayo 13:8 havuga ngo " Yesu Kristo uko yar'ari ejo, n'uyu musi ni kw akiri, ni kw azokwama ibihe bidashira." Imana y'ibitangaza bitangaje ntiyahindutse. Iracari Imana ifise umushinge w'isi, itegeka igitondo, igashira inyenyeri yose mu kirere mw'ijoro. Ni we Mana yaciyemwo ikiyaga Gitukura, ihagarika izuba mu kuzunguruka kwaryo, igatuma impumyi ibona. Igikorwa cose c'akumiza yakoze ico gihe, aracariko aragikora n'ubu.

Ivyo uvyiyibutse buri musi, uzobona umusesekara w'amavuta yiwe atangaje uyu mwaka!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Urakoze Data, kuko wama ukorera aho batabona, ibikorwa vy'akumiza kubwanje. Kuvy'ukuri ndagushima mw'Izina rya Yesu. Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Kubw'amavuta atangaje ku mutwe wanje, ndavuze ng' igitangaza canje cose catevye, kigaragare bidatevye!

KUNONOSORA INYIGISHO
Yeremiya 32:27

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 216
Yobu 25-27; 1 Ab'i Korinto 5



NDASHOBOYE KUBIKORA!

Luka 9:16-17
Yābīra ya mitsima itanu na za fi zibiri, ararangamiza, arāba mw ijuru, arabihezagira, arabimanyagura, abiha abigishwa ngo babishire imbere y'abantu. Bararya, barahāga bose, batororokanya utumanyagu tw' imisigazwa, twuzura ibisimbo cumi na bibiri.

Iyi ni imwe mu mirongo y'ivyanditswe ikomeye cane yerekana ico Imana ishobora gukora kumwe n'ibintu bike cane. Ni bangahe bariko barasoma ibi ubu nyene bumva ko badakwiriye, ata cizigiro bafise canke bariko barahangana n'igikorwa kinini cane kiri imbere kimeze nk'igiteye ubwoba cane? Iciyumviro co n'ukuraba ivyo ufise ubirabishije amaso y'Umwami. Yaravye imikate itanu n'amafi abiri, abibona nk'ibihagije vyo kugaburira abantu ibihumbi n'ibihumbi.

Uko uhanganye n'umusi, ntushirireho akarimbi Imana. Ni umuhinga mu bikorwa vy'utwumiza Itarabiye ku kungene bisa canke bingana. Ntuzotsinda, utere imbere, ugwire gusa, ariko uzogira n'imihezagiro isesekaye yo gusangiza abandi! Semerera uti: 'Ndashoboye kubikora!'

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, nzanye ico ndi cose ngo ugikoreshe. Ico cose kindi imbere, ndazi ko nzogishobora kuko ndagufise.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Muri Kristo, Ndashoboye gukora ivyananiranye. Nshobora guhusha icayi co mu gitondo, ivya sasita, n'ivy'umugoroba ariko sinshobora guhusha ubushobozi bwanje buva mu mavuta atangaje. Haleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'I Filipi 4:13

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 217
Yobu 28-29; 1 Ab'i Korinto 6



ICABONA KIBEREYE

Ivyakozwe n'Intumwa 1:8
Ariko muzohabga ubushobozi, Mpwemu Yera ni yabazako, muzoba ivyabona vyo kunshingira intahe ... no gushitsa ku mpera y'isi.

Ivyanditswe nk'ibi ni ikintu ciza cane cibutsa ukuntu Data wa twese wo mw'ijuru afise urukundo.

Igihe Yesu yasubira kwa Data, ntiyasize abantu biwe ata bubasha bafise—yabasigiye umuhango ukomeye. Ivyo vyari birenze igikorwa; yari uguhamagaro kubw' umugambi udasanzwe. Uwo Mpwemu nyene yarobanuje Yesu amavuta ngo azanire inkuru nziza abakene, akize ab'imitima ibababaye, abohore imbohe, ubu aba muri twebwe. Ivyo bisigura ko tudatwaye inkuru nziza yiwe gusa; dutwaye ukubaho kwiwe.

Uzi ivyo, vyari gutegerezwa kuba bigoye ko uvyigumana! Reka ikiyago cose co ku kazi canke mw'ishure kibe akaryo ko Ijuru rikora kw'Isi biciye kuri wewe. Nti turi abarorerezi gusa mu Bwami; turi igitwazi cabwo, kandi dukwiye kubukwiragiza. Ba icabona ciwe uno musi.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimira mbere na mbere ko unkunda cane. Warakoze kumpa Mpwemu Yera wawe Amfasha kuba icabona kibereye cerekeza abandi kuri wewe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubuzima bwanje ni icabona kibereye ca Kristo. Uko ndiho, ndi Bibiliya igendagenda, ivuga, yambaye umubiri, ikwegera abantu benshi kuri Kristo!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaroma 10:13-14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 218
Luka 15:1-10 ; Zaburi 81-83



NI IRIHE YEREKWA UFISE?

Imigani 29:18
Ahatar' Iyerekwa, abantu barahona...

Ndazi uramaze kubona kenshi mu mazu yacu, turafise icumba kimwe ataco cagenewe. Ico cumba gihinduka ic'abashitsi, canke ico gushinguramwo ibintu, canke ico kwimwesherezamwo, canke ico gushiramwo iyarara. Uko ni ko ubuzima bw'umuntu bushobora kuba iyo ata ntumbero nyayo buhawe. Biroroshe kwuzuza ubuzima bwawe ubwoko bwose bw'ibintu bitagira insiguro bijana mu mahonero. Iyerekwa ni ukumenya ibikeneye guhinduka, kumenyesha ibishobora guhinduka, ibizohinduka, kandi ni n'igifasha kwiyobora. Iyerekwa ni nk'ikiraro kiri hagati y'aho uri n'aho ukeneye gushika.

Nabwirizwa kugira iyerekwa rya Spirit Embassy igihe ata kimenyetso kigaragara cariho c'ico yarigiye kuba, none ubu raba turi hano. Iyerekwa ry'ubuzima bwawe ni irihe? N'uvyandike kandi ubikurikize n'ibigirankana.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data mwiza, mfasha kubaho ubuzima bufise iyerekwa n'intumbero rirongowe na Mpwemu Wawe. Ndongora kutaba mu buzima bw'ibisamaza maze mbeho kub'igikorwa c'Ubwami Bwawe mw'Izina rya Yesu, Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Sinzokwigera mbura ukuyoborwa canke intumbero mu buzima bwanje. Intambuko yose mfata irongowe n'Imana kandi inshikana ku ntahe zitangaje kandi zisamirana mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Habakuki 2:2

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 219
Yobu 30-31; 1 Ab'i Korinto 7:1-1



IKIRANGA NZIRA GIKOMEYE

Zaburi 119:105
Ijambo ryawe n'itara rimurikira ibirenge vyanje, N'umuco umurikira mu nzira yanje.

Ubushakashatsi bwerekanye ko umuntu ashobora kugenda mu murongo ugororotse imetero zitarenga 100 gusa ata muco canke ikintu co gufatirako abona. Inyuma y'ikimenyetso c'imetero 100, utangura guhindukira no kugenda wizungurukako.

Ehe icigwa kiri mu canditswe c'uyu musi: iyo ushaka kumenya umugambi w'Imana n'ubuyobozi bwayo ku buzima bwawe, niwige Ijambo ry'Imana. Ijambo ni umuco, ni akuma kakwereka inzira yawe; iyo uyikurikiye, ntuzokwigera utakaza inzira. Uzorenga kure cane ya "metero 100" z'uburimbi bwose satani yashize ku buzima bwawe.

Iyo ugumye mw'Ijambo, amaso yawe y'impwemu arafunguka ku vyo ukwiye kubona. Uzomenya ico wokora n'ico wovuga mu cumba c'amanama canke c'urubanza ico ari co cose wisanzemwo. Ja mw'Ijambo, ntuzokwigera wibaza ukundi ivyo umusi wawe utekeye. Ntibizogushikako giturumbuka.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data mwiza, ndagushima ku ngabire y'Ijambo Ryawe, rikora nk'itara rirongora intambuko zanje. Nizigiye rwose uburongozi bwawe kandi nkurikira Ijambo ryawe n'umwete mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Kuva uyu musi, amaso yanje ahanze cane Ijambo ry'Imana ari ryo busole yanje yonyene. Ndasenya inzira yanje ngo ninjire mu gutera imbere no mu kuroranirwa kutagira iherezo ubu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Imigani 3:5

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 220
Yobu 32 -33 ; 1 Ab'i Korinto 7 :20-40



IJAMBO NI UMUTI

Matayo 12:37
Amajambo yawe ni yo azotuma utsinda cank' utsindwa.

Amajambo ni bwo bushobozi bukomeye kuruta ubundi bwose kw'isi. Ibagira ukumenyekana, ubutunzi canke itunga rihishijwe: amajambo ni yo akomeye kubirusha. Intambara zatanguye kubera amajambo. Imiryango iramaze gusenyuka; amasinzi y'abantu aramaze gupfa, amahanga yose na yo azunguruka mu bukene kubera amajambo.

Imana yaremye vyose ikoresheje amajambo kandi ishigikiza vyose n'amajambo. Amajambo kandi niyo nyene agena aho uzoba ibihe bidahera. Ivyo vyose ubifise ku mutima, mbega amajambo wayakoresheje iki muri kahise? Ubu hoho ugiye kuyakoresha gute?

Kimwe mu bintu utegerezwa kwimenyereza ni ukubwira umubiri wawe, ivyo bisigura gukoresha amajambo yawe kugira ngo umubiri wawe ugume ufise amagara meza kandi utunganye. Umenyeshe ubudasiba ko ukomeye kandi ufise amagara meza. Bwira umubiri wawe, uzokwumva. Ntaco bitwaye ivyo umuganga yavuze; koreshe amajambo kugira ngo wizubizemwo amagara. Umubiri w'umuntu umeze nk'igikoko gikeneye kumenyerezwa. Shimika ku vyo ushaka ko umubiri wawe ukora, nawo uzotangura kwemera amajambo yawe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Urakoze Data, kubw'ubw'ubuzima bwawe butemba muri jewe. Ngendera mu magara meza n'inkomezi kuko ndagufise.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndakuye umubiri wanje mu muvumo wose w'ukugwaragurika, urugingo rwose rw'umubiri wanje rwashizwe kubicaniro bibi, ndarugaruje ! Nta ndwara nkifise mu mubiri wanje mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Imigani 18:21

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 221
Yobu 34-35 ; 1 Ab'i Korinto 8



ABATANGA UBUNTU

1 Petero 1:1-2
Petero, intumwa ya Yesu Kristo, ndabandikiye..., abatoranirijwe nk'ukw Imana Data wa twese yabamenye uhereye kera...Ubuntu n'amahoro bigwire muri mwebge.

Ikintu kimwe uzokwama usanga mu vyete vya Paulo, Petero, na Yohana na we nyene, ni ukuntu bari bemejwe cane muri bo icerekeye ubuntu n'amahoro vy'Imana. Bari baratahuye akamaro n'ububasha bw'ubuntu n'amahoro mu buzima bw'abantu b'Imana. Mu murongo w'uyu musi, Petero we aratera intambwe imbere mu kutwereka ikintu kidasanzwe. Mu ntango y'icete ciwe, yavuze ati: «...Ubuntu muri mwebwe, n'amahoro bigwire. » Bisigura ko ubuntu n'amahoro bishobora kugwira, ariko gute?

Mu ntango y'icete ciwe ca kabiri, yerekana neza inyishu: ni ukumenya Imana na Yesu Umwami wacu. Ubuntu bugwiriye bica bisigura ugukora neza, ugukora cane, ugutoneshwa, n'ukuroranirwa mu buzima bwawe, kandi ivyo bishobora kugaragara iyo wongereje ubusabane bw'ukuri n'Imana. Ntibizokugirira akamaro gusa, ahubwo nawe, uzoca ucika uwutanga Ubuntu ku bandi.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data ndagushima kuko Ubuntu n'amahoro bigwiriye Wampaye biciye mw'Ijambo Ryawe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uko nkura mu buntu n'amahoro, nkagwira mu Bwami bwa Data, ikirere canje c'impwemu giteza ubwoba mu nkambi y'umwansi!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaroma 1:7

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 222
Yobu 36-37; 1 Ab'i Korinto 9



BABARIRA GUSA

Ab'i Kolosayi 3:13
Mwihanganirana, muharirana, iy' umuntu agize ico apfa n'uwundi. Nk'uk' Umwami wacu yabahariye, namwe abe ari ko muharirana.

Birababaje kubona ikintu ca mbere kigora umukristo gukora ari uguharira. Abavutse ubwakabiri, bavuga mu ndimi, bakorera Imana, basoma bibiliya mbere n'aba pasitori ugasanga bafise inzigo zimara imyaka mirongo. Yamara ntaho Bibiliya ihimiriza gukomeza inzigo canke ukudaharira ku mvo kanaka.

Mu murongo w'uyu musi, Paulo aradondora mu buryo budasanzwe ukwo ukwiye kwishura abantu baguhemukira canke baguteye ishavu. Kandi kuko ubuzima bwuzuyemwo uguhemukirwa, birahambaye ko utahura neza ico Paulo yashaka kuvuga igihe yandika ayo majambo. Iyo Imana ikora nk'abantu bamwebamwe, igahitamwo kutababarira, ivyo vyari kugusiga hehe. Uravye ibibi vyose wakoze Imana yakubabariye, kuki udashobora gushitsako abandi ubuntu nk'ubwo nyene ukababababarira? Ivyo si ingendo rukristo. Ntibikenewe ko urinda kuvyiyumvirako; BABARIRA GUSA!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza nyigisha kurekurira abangiriye nabi. Eza umutima wanje na Mpwemu Wawe uwukuremwo ico cose nabitse kibi kubw'uyundi muntu. Urakoze kumbabarira.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Sinzokwigera nguma mpagaze mu bubisha. Ubu nyene, ndababariye umuntu wese yangiriye nabi muri kahise kanje, kubu na kazoza!

KUNONOSORA INYIGISHO
Matayo 6 :14-15; Abanyefeso 4:32

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 223
Yobu 38-40 ; 1 Ab'i Korinto 10 :1-17



GoodNews DAILY

UKUGERAGEZWA GUKURU

Luka 16:11
Namba mutabaye abizigirwa kw itunga ribi mubīkijwe, ni nde azobabītsa itunga nyaryo?

Ukwo ufata neza kandi ukubahiriza ubutunzi bwawe nico kigeragezo Imana ikoresha kugira ngo isuzume nimba witeguriye ibibanza vyo hejuru mu buzima. Iraba ingene ukoresha amafranga yawe, kandi ivyo biyifasha kumenya nimba witeguriye urugero rukurikira. Urashobora kwibaza?

Mu kwumviriza Mpwemu w'Imana no kwigenzura, urashobora kubaho ubuzima butagira amadeni ukaruta uko bamwe bariko barabaho ubu. Nimba ingeso zawe zo gukoresha amafranga ari mbi cane ku buryo udatanga ikigiracumi kandi udashobora gutanga no mu bindi bikorwa Mpwemu Yera akubwira ngo ushigikire, uba uriko urananirwa kimwe mu bigeragezo Imana ikoresha kugira ngo imenye nimba witeguriye ibibanza vyo hejuru vy'ubuzima. Amafranga yawe ni co kigeragezo gikuru! Ba umugenzuzi mwiza wayo maze winjire mu bintu binini cane muri uyu mwaka w'amavuta atangaje.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, nyigisha ubwenge no kwifata muvyekeye itunga, kugira ngo mboneke nk'umwizigirwa mw'itunga nyaryo ry'Ubwami Bwawe mw'izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uyu mwaka, nzoduga muvyerekeye ubutunzi kuko nd'umwizigirwa mu mafaranga. Ideni rirakurwaho, ubucuruzi bwanje buraduga hejuru, amafranga aranjeko mu buryo butangaje mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Imigani 3:9-10

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 224
Yobu 41-42; 1 Ab'i Korinto 10:18-33



UKWIYEGURIRA IMANA WESE

Abaroma 12:1
Nuko bene Data, ndabahanūra kubg' imbabazi z'Imana, ngo mutange imibiri yanyu ibe ibimazi bizima vyera, bihimbara Imana, ni kwo kuyikorera kwanyu gufise ikimazi.

Paulo akoresha imvugo itangaje mu murongo wacu w'intango kuko mu bihe vy'Isezerano Rishasha, nta kimazi kizima cariho ku bijanye n'ikimazi c'ibikoko. Igikoko c'ikimazi cishwe ku gicaniro, ico gikorwa caba ari ica nyuma: caba gipfuye. Yamara rero Imana iraduhamagarira gutanga imibiri yacu nk'ibimazi bizima. Bisigura ko Irondera abantu boyiyegurira bimwe bishitse, bihebeye bimwe bishitse Umugambi wayo, kandi babayeho kubwiwe.

Si ibanga ko ivyipfuzo vy'umubiri wawe kenshi bivuguruzanya n'umugambi w'Imana ku buzima bwawe. Bizogusaba kugwana cane kugira ngo ubone inzira yayo igihe cose. Ariko wibuke uwo uri we, ikimazi kizima Imana izoshobora gukoresha niyo wishikana gutyo.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndihanye aho hose nakurikiye inzira y'ivyiyumviro vy'umubiri. Ndabiciriye urubanza ko ari ubugarariji, kandi ndanse kubiha ikibanza kuva uyu musi!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndahagaritse ivyo satani vyose yarazanye mu buzima bwanje acishije mu vy'ipfuzo bibi n'ivy'umubiri. Kuva uyu musi, ndongowe na Mpwemu w'Imana wenyene!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 AB'i Korinto 6:19-20

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 225
Luka 15:11-32 ; Zaburi 84-86



SHIRAHO UMWANYA ‘UBUNYENE’

Mariko 6:45-46
Uwo mwanya agōbēra abigishwa biwe ngo batambukire mu bgato,... Ahejeje kubarungika kure, adūga ku musozi gusenga.

Ijambo “ubwo nyene” riri ku murongo wacu ni ijambo ry’ikigiriki euthéōs, risobanura gukora ikintu udatevye canke ngo hatagize ibigutesha umwanya. Iri jambo rivugiwe ugukorera ku mwanya n’iciyemezo Yesu yarafise. Inyishu yiwe ku ntsinzi ikomeye yo kugaburira ibihumbi bitanu yari iyo gusubira inyuma ubwo nyene aja mu kibanza aho yoshobora gusenga ata kimusamaza.

Gushiraho umwanya wo kubana n’Imana wenyene ntivyari bikwiye kuba ikigoye ku bantu bavuga ko ari abakristo. Umwami Yesu Kristo yari afise imyaka itatu gusa yo gushitsa igikorwa camuzanye, igikorwa gihambaye kandi gitwara umwanya. Yamara nubwo yari yikoreye ivyo vyose, yama afata umwanya wo gusenga atakimusamaza. Ni igiki catwaye umwanya wawe wo kumara kumwe n’Imana wenyene? Ico kintu coba kibikwiriye? Inyishu izokwama ari oya. Shireho umwanya kubw’ibitazoshira.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, biciye mu kuyoborwa n’ukurongorwa na Mpwemu Yera Wawe, nyigisha gutegeka imisi yanje abe ari wewe ufise ikibanza ca mbere.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Kuva uyu musi, nzohora mara umwanya mu kubaho kwa Data. Nta bisamaza bizonshira kure y’ugusubizwamwo itoto n’uguhindurwa na Data mw’izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Matayo 6:6

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W’ 226
Imigani 1-2 ; 1 Ab’i Korinto 11:1-16



IVYO YATANGUYE, AZOBISOZERA

Ab'i Filipi 1:6
Kand' ico nemezwa neza ntakekeranya, n'uk' uwatanguye igikorwa ciza muri mwebge azogiheraheza gushitsa ku musi wa Yesu Kristo.

Itegereze neza ijambo "ukwemezwa neza" riri ku murongo w'uyu musi. Ijambo ry'ikigiriki ririsobanura ni peíthō, risobanura kwemezwa neza ata gukekeranya. Igihe Intumwa Paulo yandika iki cete, yariko avuga Imana yari azi. Yari yayibonye Imukura mu ngorane z'ubwoko bwose.

Uyu mwaka waduhawe n'Imana nk'umwaka w'amavuta atangaje. Mbega wemejwe neza kurugezo rugana rute ko ivyo yatanguye mu ntango y'umwaka azobisozera? Niwaba uri n'umutima ubikunze, Mpwemu Yera arashobora gushitsa ikintu cose muri wewe. Igisabwa ni ukumwizera cane ku buryo ushobora kwemezwa neza ata gukeka kandi wizigiye ko uzoshingira intahe y'ukugaragara kw'igikorwa ciza cose yatanguye muri wewe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, muri uyu mwaka w'Amavuta Atangaje, Ndemezwa neza ko wakoze igikorwa gitunganye muri jewe gushika ku musi wa Yesu Kristo, kandi ndabigushimiye!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndatura ko impwemu y'ubugunge yose ihagaze mu nzira yanje y'ukwizigira Uhoraho ikuweho. Umugisha wose wasutswe kuri jewe uzoranguka neza mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Ab'i Tesalonike 5:24

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 227
Imigani 3-5 ; 1 Ab'i Korinto 11:17-34



SOHORA IMYANDA

Ab'i Filipi 3:8
...Vyonse ivyo nibaza ko bimfitiye inyungu ntaco bikimaze-n'umwanda w'imbwa. Narabitaye vyose kugira ngo nshobore kugumbira Kristo.

Woba warigeze guhura n'abantu badashobora kwikurako ibintu batunze vya kera? Imodoka zifise ingese kandi zifise imbeba zikaborera mu kigo, mu gihe imbere mu nzu naho hari ibintu vyinshi biteye akaga, n'ibirundo vy'ama machini yashaje ariko inkungugu ateretse ku mpome, be n'amavalize ya kera arimwo impuzu zirimwo inyenzi. N'ishusho ibabaje cane, sivyo?

Ubuzima bw'impwemu bw'abantu bamwebamwe bumeze nkuko nyene. Aho gutorera umuti ibibazo no kuguma ubuzima bwabo busukuye kandi butomoye, uwo mwanda wo mu vy'impwemu uguma gusa wiyongera. Ibirundo vy'ukutababarira, umururazi, ishari n'ubundi bwoko bw'umwanda wo mu vy'impwemu—vyose bigacika akajagari gakomeye! None uno musi wihambiririyeko iki udashaka kurekura? Kuko ivyo vyose ni umwanda w'imbwa! Bijugunye mw'iyarara, uce wisukura, hanyuma wigendere!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, kubw'uburongozi bwa Mpwemu Yera Wawe, mfasha kubona ko nihambiriye ku bintu binsubiza inyuma. Sinzokwihambirira ku bitagenda neza mw'izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uyu musi, ndatangura isuku ryo kwikurako umwanda wose nihambiriyeko. Nzohora nkora mu mwidegemvyo kandi mu buryo butomoye uko Imana inkoresha muri uyu mwaka w'Amavuta Adasanzwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'i Filipi 3:13-14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 228
Imigani 6-7 ; 1 Ab'i Korinto 12



NDI UWUKENGURUKA

1 Ab'i Tesalonike 5:18
Mwame mushima muri vyose, kukw ico ari co Imana ibagombako muri Kristo Yesu.

Uyu musi, uriko usoma ibi, ushobora kuba utanyuzwe n'aho ugeze mu buzima ubu. Iyo sosiyete y'amamiliyoni y'amadolari wiyumvira ko wari kuba ufise ubu, iyo nzu y'agaciro wiyumvira ko wari kuba warubatse, vyose biracari mu vyiyumviro vyawe. Ariko rero, twemeranye ko ibintu bitari bibi cane nk'uko vyari gushobora kuba! Tuvugishije ukuri, hari vyinshi cane vyo gukenguruka!

Washoboye kuvyuka urashika mw'ishengero uno musi; bamwe ntibavyutse na gato. Ushobora kuba utaragira amamiliyoni, ariko Imana ishimwe ko ufise akazi. Ushobora kuba utararonka umwana wawe, ariko Imana ishimwe ko ufise uwo mwubakanye. Urabona ko hari vyinshi vyo gukenguruka, wovyihweza gusa!

Uyu musi, niyo abantu bakubaza uko umerewe, babwire gusa uti, "Ndakenguruka".

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data mwiza, iyo nihweje aho wankuye, n'ikibanza c'amahoro n'akaruhuko wanshizemwo, numva nokubwira gusa nti NDAGUSHIMIYE!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndatura ko ntazokwigera mfata minenegwe gushima Umwami. Mva mu buja ninjira mu mwidegemvyo mu burere bwose bw'ubuzima bwanje kuko ugushima Umwami kwanje kuzompa Ukuduzwa!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abanyefeso 5:20; Ab'i Kolosayi 3:17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 229
Imigani 8-9 ; 1 Ab'i Korinto 13



GoodNews DAILY

IGISHA ABANA

Gusubira mu Vyagezwe 11:18-19 (MSG)
Nuko mubīke ayo majambo mvuze mu mitima yanyu ...Muze muyigishe abana banyu, muyavuge aho muri hose, iyo mwicaye mu nzu n'iyo muriko muragenda mu nzira, muyavuge kuva bugica gushika muryame mw'ijoro.

Abavyeyi ni bo bajejwe kwigisha abana babo ingene bobaho ku bw'Imana no kugira ubumenyi bw'Ijambo ryayo. Umurongo w'uyu musi wibutsa abavyeyi n'abarera abana gufata akaryo kose ko kubigira. Abavyeyi bamwebamwe biyumvira ko guha ibikenewe vyose abana babo mu vy'umubiri ari ryo banga rihambaye kuruta ayandi yose bafise. Oya, si ko biri! Inshingano yabo ikomeye cane ni ugutanga ku bana babo inyigisho n'agaciro biva mw'Ijambo ry'Imana.

Bishobora kuba bitari gusoma Bibiliya buri musi, ariko mwame mubibutsa ineza y'Imana mu buzima bwanyu. Bereke bihweze ivyaremwe muri nzira baja kw'ishure. Mu mwanya w'ugufungura, shimira Imana yabitanze. Imana iri hose; Abana bamenyereze kumenyerana nayo.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, nyigisha gushira mu bikorwa Ijambo Ryawe imisi yose kugira ngo abana banje babone gukura muri Wewe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Abana banje barakomera mw'Ijambo imisi yose. Ndakoresheje ububasha mfise mu kubakura mu buja bubi n'ibibagirako ingaruka bigwanya ugukura kwabo mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Imigani 22:6

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 230
Imigani 10-12; 1 Ab'i Korinto 14:1-19



REKA TUBIHURIZEKO

Matayo 18:19
Kandi ndababgira ukuri yukw ababiri muri mwebge ni bahuriza inama mw isi gusaba ikintu cose, Data wo mw ijuru azokibakorera.

Abakristo benshi ntibabona ububasha buhambaye buri mu guhuza inama. Ijambo ry'ikigiriki risobanura iryo jambo "guhuza inama" riri mu murongo wacu w'uyu musi ni ijambo sumphōnéō. Aho ni ho ijambo symphony rikomoka. Bisigura kandi gushika ku guhuza.

Umugwi uvuza umuziki baba bita 'Symphony orchestra' rihuza ibicurarangisho vyinshi bitandukanye kugira ngo bakuremwo umuziki mwiza cane. Iyo wumvirije uruvange rwiza rw'ibicurarangisho, uzokwumva neza ko igicurarangisho kimwe kitoshobora kubikora. Nta n'umwe yarakwiye kuba wenyene nk'izinga. Ugenewe gufata amaboko abandi no kwemeranya ku bintu, atari mu buzima bwawe gusa, ariko no ku vyerekeye isi. Wemeranye n'umuntu mw'isengesho uno musi ku bijanye n'ukurera, amahanga, ishengero ryawe, umuryango wawe n'ibindi. Kandi bizogenda gutyo.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data ndagushimiye kw'Ijambo Ryawe rivuga ko aho ubumwe bushingiye, amavuta y'Ukubaho Kwawe araganza agatuma umugisha ugaragara hagati yacu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndavugishwa ko igihe cose nzoba mfashe ibiganza abenedata bo kw'isi yose mu gusenga, ivyo dutegetse nk'umubiri umwe bizoshika mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Yohana 5:14-15

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 231
Imigani 13-15 ; 1 Ab'i Korinto 14:20-40



HINDUKIRA

Ivyahishuriwe 2:5
Nuko ni wibuke aho wavuye ukagwa; wihane…

Ijambo kwihana muri bibiliya y'ikigiriki ni ijambo metanoéō. Bisigura gufata ingingo, guhinduka burundu canke guhindukira wese mu buryo umuntu ariko ariyumvira, yemera canke abayeho. Ijambo kwihana ritanga ishusho y'umuntu ahindutse wese. Raba nk'akarorero Ishengero ry'i Efeso.

Mu Vyahishuriwe Yohana 2:5 hatubwira ko Umwami Yesu yahanganye n'Abanyefeso igihe yababwira ko baretse ubucuti bafitaniye na we buragabanuka. Iryo shengero ryari ribonwa ko ari ryo shengero ry'akarorero, akarorero ayandi mashengero yokwigana. Naho ari ukwo, Yesu yavuze ko abayigize n'uburongozi bwayo bose "baguye"; vyose vyari vyaraheze. Mbega muri iki gihe ni ko biri no kuri wewe? Mbega umuriro wahora ufitiye Imana urushiriza kwaka cane, canke hasigaye umwotsi gusa? Nimba ari ukwo, wibuke aho wihendeye, wihane, wongere watse umuriro wahora ufitiye Imana.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze kumbwira ivyerekeye ko nkeneye kwihana. Kuva uno musi, ndahindura uburyo nahora niyumvira no kubaho.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndavugishwa ko ibintu bihindutse mu buzima bwanje kuva ubu. Ndubaka ubucuti uko Mpwemu Yera ancanira ku bw'Imana mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ivyakozwe n'intumwa 3:19

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 232
Zaburi 87-88 ; Luka 16 :1-15



NICO GIKORWA NYAMUKURU

Luka 15:7
...mw ijuru bazonezererwa bartyo umunyavyaha umwe yihannye, bakamurutisha abagororotsi mirongwicenda n'icenda batarinda kwihana.

Iyo vy'ukuri utahuye agaciro k'umushaha, ubutumwa bwiza buca buba ikintu kirenze igikorwa c'igisata kimwe co mw'ishengero; bica bihinduka igikorwa cawe ca mbere. Kuba gusa hakiriho benshi batazi Imana bikwiye kukurya muri wewe urira kubwabo kandi ubasenga ngo bakizwe. Urukundo rugusunikira kuvugana n'umuntu wese afise amatwi yo kwumva ivya Yesu ata soni.

Urabona, satani ashaka ko abantu basamazwa n'icubahiro, ubutunzi n'ukwiryohera kugira ngo bibagire ivy'ibihe bidashira. Ariko nk'intumwa ya Kristo, igikorwa cawe ni ukubafasha kubona ukuri. Tangura kubona umushaha wose nk'ikintu c'agaciro kirindiriye kwishuzwa.

Nimba Ijuru ryose rinezerwa n'umunyavyaha umwe yihanye, tworushiriza gukora cane kugira ngo tubone vyama biri uko uko incuro nyinshi? Gira ukurokora umushaha igikorwa nyamukuru!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Mwami Mwiza, warakoze gucungura ubuzima bwanje no kunyinjiza mu Muryango Wawe. Ubu, nunkoreshe Mwami, mu kuzana imishaha yatakaye mu muco Wawe Udashira.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Kubw'Ijambo ry'uyu musi, umutima wanje urarurumba imbabazi kubw'imishaha yatakaye kurusha. Nzokura benshi mu karere k'Umwiza binjira mu Muco w'Imana utangaje.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yohana 3:16-17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 233
Imigani 16-18 ; 1 Ab'i Korinto 15 :1-28



GoodNews DAILY

INYIGISHO IVUGA CANE

Ab'i Filipi 2:15
Kugira ngo ntimugire umugayo cank' akarohe, mube abana b'Imana batagira agasembga, hagati y'ab' iki gihe bagoramye b'ibidambidambi, abo mubonekeramwo nk'amatara mw isi

Nama mvuga ko Ubutumwa Bwiza atari uguhagarara gusa inyuma y'agatuti, wambaye ikoti nziza ufashe mikoro. Kenshi cane, inyigisho ivuga cane kandi ifise ikimazi ni ubuzima bwawe. Ukugene ubayeho, uvuga kandi ubanye n'abandi vyategerezwa kuzana abantu kuri Kristo.

Umurongo wacu w'uyu musi ni uwutwibutsa neza uko twategerezwa kwitwara muri iki gihe gikomeye aho ukwitwara neza kwashibuwe. Isi yuzuye abantu bagoramye b'ibidambidambi. Murika n'itara ryawe mu buzima bwabo. Bariko barakwihweza: abagenzi bawe, abo mu muryango, abo mukorana, mbere n'abo utazi. Ubuzima bwawe n'ubutumwa. Reka abantu "basome" ubuzima bwawe nk'icapa kiberekeza kuri Kristo.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, ndagushima kuko wangize icete kizima. Ubuzima bwanje bugaragaraza Kameremere Kawe, bugasunikira abandi ku kugurikira.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndatura kandi ndategetse ko umuntu wese anjeko abona kamere kadasanzwe k'Imana muri jewe. Uko Imana iri, niko ndi; kubw'ivyo, nd'Umunyamahirwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Matayo 5:16

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 234
Imigani 19-21 ; 1 Ab'i Korinto 15:29-58



UW'AKUMIZA NYAWE

Abanyefeso 2:10
Kuko turi Igikorwa c'Intoke Ziwe c'ubuhinga, twasubiwemwo kuremerwa muri Kristo,[tuvyawe gusha]...

Iyo Abakirisu baba batahura neza ukuntu bakozwe mu buryo butagira agasembwa, amasengesho menshi bakora yobaye atagikenewe. Imana yakuremye ata gasembwa, ata karimbi canke inzitizi. Uri igikorwa ciwe c'ubuhinga bwiza cane, gitunganye, ciza cane kandi kigizwe n'ibintu vyose.

Umurongo w'uyu musi uvuga ko uri igikorwa c'amaboko yiwe nyene. Si ingaruka y'umuganga mwiza, amavitamine canke ugufungura neza—uri igikorwa c'Imana. Nta mushakashatsi n'umwe muri iyi si ashobora gutahura neza imashini itunganye ariyo wewe. Ivyo ubifise ku mutima, hagarare wemye mu kibanza cawe urwanye amayeri ya satani. Wanke kurwara, wanke kuba uwurenganywa mu buzima. Tambukira ukuganza no kuba uwo hejuru mu bibazo vy'iyi si. Uri ikiremwa c'Imana kidasanzwe, uw'akumiza nyawe, atunganye mu buryo bwose!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Warakoze Data, kungira Igikorwa cawe ca mbere gitunganye. Kubera wangize uwutunganye rwose, Ngendera mu mahirwe n'intsinzi Wamaze kunshiriraho mw'Izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndanse kugwara n'ugucika intege mu buzima. Kuva uyu musi, ntambuka muri iyi si nk'imana ndi. Ndaganza mu karere kose kandi sinanirwa. Haleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Tito 2:14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 235
Imigani 22-24 ; 1 Ab'i Korinto 16



GoodNews DAILY

REKA UMURIRO WAKE!

2 Timoteyo 1:6
Ni co gituma nkwibutsa gufurūra ingabire y'Imana iri muri wewe ngo yake, yagushizwemwo no kurambikwakw ibiganza vyanje.

Mu rugendo rw'abakristo benshi, umwete bari bafise ku bintu vy'Imana uratangura kugabanuka. Nanje ubwanje narahuye n'abarongozi n'abanyabwenge vyagenze uko, bageze aho ivyo bigisigaye vyaka muri bo zari inkwi nkeyi. Uku ni ko nabafashije.

Mu murongo w'uyu musi, "gufurura" ni ijambo ry'ikigiriki anazōpyréō, risobanura gusubira kwatsa canke gukabura umwete. Paulo yahimirije uwo mukozi w'Imana akiri muto kwongera n'ibigirankana kandi yamizako inkwi ku nkwi ziriko zishira mu mutima wiwe.

Kumbure uri nk'uko Timoteyo yari: uko wahora wiyumva si vyo biri uno musi. Ndaguhimiriza gufata umwanya wo kwiherera ngo wivyukiranye kubw' urugendo rwawe rw'impwemu. Tangura bushasha. Ufise ububasha bwose bwo gukaburira impwemu yawe ugutangura gushasha maze ugatuma urwo rubeya zisubira kwaka.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndemeye yuko naretse umuriro muri jewe urazimangana. Kubwa Mpwemu Wawe, ndatangura bushasha uyu musi, nongere nkabure umuriro usubire wake muri jewe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ncuzwe mu muriro. Ubuzima bwanje bwose ni umuriro n'umwete kubw'Imana! Sinzokwemerera uyu muriro ko uzima mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Timoteyo 4:14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 236
Imigani 25-26 ; 2 Ab'i Korinto 1



GUPFA KU CAHA

Abaroma 6 :11
Abe ari ko namwe mwiyumvira ko mwāpfuye ku caha, ariko ko muriho mur' ab' Imana, muri muri Kristo Yesu.

Ndashaka ko witegereza neza ijambo "mwiyumvira" (mu congereza "reckon") riri ku murongo w'uyu musi. Mu mpinduro y'ikigiriki, ni ijambo logízomai, risobanura gusozera canke guharura igikorwa nk'aho camaze guhera, gisigaje gusa kwemeza no kwemera ko arico.

Ivyo birahambaye cane kuko bikubwira ko mu vyiyumviro vy'Imana, uwo wari kera ataco agifise ku vyerekeye uwo uriwe ubu muri Kristo. Icaha n'ububasha bwaco vyishwe n'ububasha bw'Umusaraba. Ivyo uvyature kandi ubimenye mu buzima bwawe. Nturi uwo wari kera, naho satani yobikwibutsa gute. Muri Kristo, uwo muntu wa kera yarapfuye. Ntuhe umwanya ivyiyumviro vy'icaha; warapfuye burundu kuri co!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Ndagushima mwami, kubw'agakiza watanze ubuzima bwanje bwa kera, kameremere ka kera, imitere yanje ya kera vyarashizweko iherezo, haleluya!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Jewe wa kera yarapfuye. Mbayeho hejuru cane y'ibishika kuko ata caha kinyizingiriyeko kinsubiza inyuma mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'i Galatiya 2:20

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 237
Imigani 27-29 ; 2 Ab'i Korinto 2



NDISHIMIRA KUBA NDI UMUNYU

Matayo 5:13
Mur' umunyu w'isi...

Umunyu ni ikintu gisanzwe ku buryo ushobora kuwusanga aho hose. Ariko mu bihe vy'Isezerano Rishasha, umunyu wari ikintu gizimvye kandi gifise agaciro, cari gikenewe cane mu bintu vyinshi vyo mu buzima. Igihe Umwami Yesu yagereranya abamwumviriza n'umunyu, yari azi neza ubwoko bw'ibicapo yashaka kubaha mu vyiyumviro vyabo, kandi yari azi ko iyo ngereranyo izobakorako.

Umunyu warakoreshwa nk'ikintu co kwongereza ubushobozi, co kuzigama imfugurwa, co gukingira indwara, co gukiza n'ibindi. Ivyo biwuranga vyose bivuga uwo wewe ukwiye kuba nk'umukristo. Woba uriko uragira ico ukoze kw'isi yawe mu buryo bubereye? Abantu bagukikuje boba bumva ingaruka z'umunyu wawe? Aho umunyu uri, ivyiza birakurikira. Ba ikimenyamenya!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, ndagushima ko wangize umunyu w'Isi.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndi umunyu. Ntanga ugukira ku bagwaye; Ndasukura ahari ubumara, ndatanga akanovera kuba nkikuje bose. Imana ishimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Mariko 9:50

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 238
Imigani 30-31 ; 2 Ab'i Korinto 3



GoodNews DAILY

SINZOZIMIRA

Matayo 24:4
Yesu arabishura, ati Mwirinde, ntihagire ūbazimiza.

Ntubisaba kuraba umwanya munini isi igukikuje uno musi kugira ngo ubone ko ukuzimira kuriko kurakora, mbere n'aho utavyiteze. Utakaza agaciro kw'inyifato runtu kwagwiriye cane ku buryo ushobora kwumva ko bigeze ku rwego rw'ukwo bihinduka.

Mu murongo uri hejuru, Umwami Yesu yari yaravuze neza ukwo kuzimizwa ko kuzobaho kw'isi mu misi ya nyuma, yongera aragabisha abigishwa biwe ko ari ikimenyetso c'uko ukugaruka kwiwe kuri hafi. Uko twegera imisi ya nyuma y'ico gihe, turakeneye kwibuka imburi ya Kristo yerekeye ico igihe aho uguhendwa kuzofata isi yose. Ico gihe ni ubu. Igihe co kugaruka kw'Umwami kiri hafi benedata. Gira umwete, ube maso, uzigame umutima wawe, kandi ntuzimire!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, Ndasenga ngo umpe inkomezi z'indani zo guhagarara mw'Ijambo ry'Imana no kutigera nzimira mw'Izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Amaso yanje arasizwe n'amavuta atangaje anshoboza kubona nkamenya ubwoko bwose bw'ukuzimira! Sinzohendwa, Imana Ishimwe!

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Ab'i Tesalonike 2:3

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 239
Luka 16:16-31 ; Zaburi 89-90



NDITEGURIYE KURWANA!

1 Timoteyo 6:12
Wame urwana intambara nziza yo kwizera....

Hariho iciyumviro kitari co kiri mu bakristo biyumvira ko iyo umaze kuvuka ubwa kabiri, utazokwigera uhura n'ingorane n'imwe mu buzima bwawe. Ivyo biri kure cane y'ukuri. Urugendo rwacu n'Umwami n'urugendo rw'ukwizera, kandi nk'uko umurongo w'uyu musi ubivuga, inzira y'ukwizera kenshi isaba urugamba rwo gushika kw'iherezo.

Nimba uriko urashikirwa n'ingorane mu nzira y'ugushika ku ntego zawe, ntibigukange canke ngo bigutangaze. Imana yarakugabishije imbere y'igihe biciye ku Ntumwa Paulo ngo witegurire kurwana. Ntukihebe canke ngo uhebe indoto zawe Imana yaguhaye. Hagarara ushikamye urwanye inzitizi zose maze usoze mu tsinzi uno musi!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data Mwiza, Ubuntu nkeneye kubwo kurwana intambara nziza y'ukwizera bugwire mu buzima bwanje mw'Izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mpwemu Yera ari muri jewe aranyuzuza gushika ku musesekara ububasha bushobora guhangara inguvu zose zinrwanya. Nzohagarara nshikamye gushika ku ntsinzi.

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Timoteyo 4:7

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 240
Umusiguzi 1-3 ; 2 Ab'i Korinto 4



BITOMORE

1 Yohana 5:15
Kandi ko tuzi yuko yumva ico dusavye cose, turazi yuko duhawe ivyo tuyisavye.

Amasengesho amwe amwe "ntiyishurwa" kubera gusa adatomoye bihagije. Reka ndakubaze iki: iyo usenga, woba usenga amasengesho rusangi yo gusaba imihezagiro, canke waramenye ibanga ryo kubitomora n'Imana iyo uriko urasenga? Amasengesho nk'aya ngo "Imana ihezagire ubuzima bwanje bwose," ntatomoye bihagije. Ni mu karere akahe vyukuri uriko urasaba uwo muhezagiro? Ubwo bwoko bw'isengesho ridatomoye kandi rusangi nta co rizovamwo.

Mu murongo w'uyu musi, amajambo ngo 'ico dusaba cose' yerekana kuvuga ibintu vyihariye. Impinduro y'ikigiriki y'ijambo ico cose risobanura inde, ikihe, igiki. Urabona ingene ivyo bishimishije? Rero, iyo usenga, vuga neza inde, ikihe, igiki uriko uravuga. Rondera ivyanditswe bishigikira ivyo usaba kandi ubitomore!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Urakoze Mwami, kubwo kundongorera mu gutora amasezerano yiharije mw'Ijambo Ryawe kubw' ibibazo vyihariye vy'ubuzima bwanje!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndategeka ko Ugutungana kw'Imana gushikamishwa mu burere bwose nasengeye bwo mu buzima bwanje. Amahirwe n'ayanje!

KUNONOSORA INYIGISHO
Yohana 14:13-14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 241
Umusiguzi 4-6 ; 2 Ab'i Korinto 5



UWURIKORESHA YEMEWE

Acts 9:15
Impwemu ihumanye irabishura, iti Yesu ndamuzi, na Paulo ndamuzi, ariko mweho muri ba nde?

Nimba uri muri Kristo, uri uwukoresha Izina rya Yesu n'ububasha bwa Mpwemu Year yemewe. Impwemu mbi yerekanwa mu murongo w'uyu musi yari izi Izina rya Yesu kandi yari izi Paulo kuko Paulo yari muri Kristo kandi yari uwukoresha Izina rya Yesu yemewe!

Nk'umukristo aba mu bubasha bwa Mpwemu Yera, ububasha bwose mw'Ijuru no mw'Isi bwaraguhawe (Matayo 28:18). Ivyo bisigura ko ububasha nyene Yesu Kristo akoresha, nawe aribwo ufise! Ufise uburenganzira bwo kuvuga mu gishingo ca Yesu no gufata ububasha ku mwiza wose uza mu nzira yawe uno musi. Koresha ububasha bwawe kugira ngo ukore ibikorwa vy'akumiza uno musi!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Warakoze Data wampaye ububasha bwo gukoresha Izina rya Yesu! Nitwaje iryo Zina rikomeye, sinshobora kunanirwa mw'Izina rya Yesu!

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nkoresha ububasha buri muri jewe kugira ngo igitero cose kibi kigamije kunsenyura kibe ic'ubusa. Sinzokwigera mba ikimaramare igihe cose nzoba mfise ubu bubasha!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'i Filipi 1:20-22

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 242
Umusiguzi 7-9 ; 2 Ab'i Korinto 6



GoodNews DAILY

B'UMUGIRANEZA

Abanyefeso 4:32
Mube abagwaneza umwe ku wundi , mugiriranire imbabazi, muharirane, nk'ukw Imana na yo yabahaririye muri Kristo.

Ijambo "abagwaneza" ryo mw'umurongo wacu w'uyu musi ni ijambo ry'ikigiriki chrēstós. Bimwe mu vyo bisigura ni ukuba umugwaneza, uri uw'igikundiro, kandi wiyoroheje. Nimba uri umugwaneza, uri umuntu yitwararitse kandi azi ico abandi bakeneye.

Iryo jambo ryerekana ico Umwami Yesu agomba kugaragaza muri twebwe kubw'ububasha bwa Mpwemu Yera. Kwigisha uburwaneza si ibihariwe abana bo mu mashure y'intango canke bo mw'ishure ry'uwa Mungu; ivyo nivy'umuntu wese yitirirwa izina rya Kristo. Umwami Yesu yumvise impuhwe igihe yabona umuntu hari ico babuze. Yari umugwaneza. Abakristo bamwe bamwe berekana ko atari ivyabo kuburyo badashobora kwerekana ubugwaneza. Bibaza ko ukuba umugwaneza ari intege nke, ariko Data We nyene n'Ubugwaneza bugendagenda. Nk'uko turangije uku kwezi, bigire intumbero yawe kubandanya muri uyu mwaka mu werekana ubugwaneza ku bandi!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, kubwa Mpwemu Wawe, nyereka uko nogaragaraza ubugwaneza kubabikeneye cane.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndacagaguye ico cose cahora kimbuza kuba umugwaneza ku bandi. Imisi yanje iri imbere izoba iyuzuye impuhwe kubw'abantu b'Imana!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Petero 3:8-9

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 243
Umusiguzi 10-12 ; 2 Ab'i Korinto 7



UGUTUMBEREZWA N'AMAVUTA

1 Samweli 10:1-6
Samweli aca afata igikombe c'amavuta, ayasuka ku mutwe wiwe, aramusoma, aramubwira ati: «Mbega si uko Uhoraho yakurobanuje amavuta ... nawe uravugishwa hamwe na bo, uce uhinduka ukundi, ube umuntu musha

Iyo amavuta atangaje akujeko, uguhinduka si ivyo urinda guhitamwo, ni ngombwa. Sauli ntiyacitse "umuntu mwiza kuruta" uwo yari; ahubwo yacitse wese uwundi muntu. Ivyo ni vyo ukurobanuzwa amavuta gukora. Biguha ububasha bwo gukora igikorwa cawe.

Uyu mwaka, ntiwitezwe gushitsa umugambi w'Imana ukoresheje ubushobozi bw'abantu. Amavuta atangaje azotanga ivyo inkomezi zawe zidashobora gutanga. Azohindura ivyiyumviro vyawe bivemwo wewe Ijuru risanzwe ryemera. Niwitege ko Mpwemu Yera azogufasha kwagura ubushobozi bwawe. Uriko urahindurwa ukaba uwo umuhamagaro wawe usaba.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye amavuta atangaje wasutse ku buzima bwanje. Nditanga bimwe bishitse ku gikorwa ca Mpwemu wawe. Reka amavuta yawe ampindure uko mpinduka mu vyiyumviro vyanje, antumbereza ku vyo Ijuru rivuga ku bijanye n'uwo nahamagariwe kuba.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nasizwe kubw'igikorwa kidasanzwe n'ibikorwa vy'akumiza. Nkora ibirenze aho ubushobozi bw'abantu bugarukira kandi ngendan'ubushizi bw'amanga mu bwuzure bw'ihamagarwa ryanje uyu musi.

KUNONOSORA INYIGISHO
Ivyakozwe n'intumwa 1:8; 2 Ab'i Korinto 3:18

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 244
Indirimbo ya Salomo 1-3; 2 Abi Korinto 8



UKIKUJWE N'UGUTONESHWA

Zaburi 5:12
Kuk' uzoha umugororotsi umugisha: Uhoraho uzomukikiza imbabazi nk'inkinzo

Ugutoneshwa si ikintu ca rimwe rimwe; n'ikintu cama kigukikuje. Imana ishira ugutoneshwa nk'inkinzo mu buzima bwawe kugira ngo amahirwe, uburyo n'imiryango yuguruye bigutumbere. Ama sisiteme n'abantu vyankira abandi bitegerezwa kwishura ubutandukanye igihe uhageze.

Mbere n'amakosa arashobora guhinduka intahe iyo ugutoneshwa kuriko kurakora. Uyu mwaka urimwo ibikorwa vy'Imana bidasanzwe, bitamenyerewe kandi bitangaje. Amategeko azohinduka, abantu bazokwishura, kandi ibintu bizohindukira kugira ngo bikworohere. Tambuka wemejwe neza uno musi; ugutoneshwa ntikuri imbere yawe canke inyuma yawe. Kuragukikuje.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye kuko unkikuza ugutoneshwa nk'inkinzo. Urakoze kugendera muri jewe uno musi no kunshira mu kibanza cokuronka amahirwe adasanzwe, n'imiryango yuguruye. Ugutoneshwa kwawe kumvugire ahantu ijwi ryanje ridashobora gushika. Izina ryanje rivugwe mu vyumba ntarinjiramwo, kandi ivyo nkozeko vyose uno musi bitere imbere, mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndategeka kandi ndamenyesha ko ntangura umugambi wanje, negeranya itunga, nubaka umigenderanire idasanzwe. Nkikujwe n'ugutoneshwa kudasanzwe. Aho nja hose uno musi, imiryango iranyugurukira!

KUNONOSORA INYIGISHO
Luka 2:52

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 245
Indirimbo ya Salomo 4-5; 2 Ab'i Korinto 9

GoodNews DAILY

SABA UBWENGE

1 Abami 3:9
None rero, jewe umusavyi wawe, n'umpe umutima w'ubgenge, nshobore gucira abantu bawe imanza...

Imana ntiyigera ikunegura kubera uyisavye ubwenge. Ahubwo irabutanga ku buntu kandi ku bwinshi. Inyigisho imwe iva ku Mana yoshobora aho utwigoro tw'imyaka myinshi twananiwe.

Ubwenge bugushira ahantu habereye hagushoboza kumenya ico wokora, igihe co kugikorera be n'ingene wogishitsa neza. I Gibeyoni, Salomo ntiyasavye intsinzi, ubutunzi canke ngo abansi biwe bakurweho. Yasavye ubwenge, kandi ubwenge bwamushize mu kibanza co kuronka ivyo mbere atanasavye.

Ibikorwa bitangaje bisaba ubwenge butangaje. Imana iriko irakora ibintu bidasanzwe, kandi ivyiyumviro bisanzwe ntibishobora kugenzura ibisubizo bidasanzwe. Iyo Imana itanze ibikorwa bidasanzwe, iratanga kandi ubukerebutsi bukenewe kugira ngo tubishitse bitagoranye. Tumira ubukerebutsi bw'Imana kuri wewe; saba ubwenge.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndasavye ubwenge buva hejuru. Mpe ubukerebutsi burenze ubumenyi mfise n'ugutahura birenze imyaka yanje. Yobora ivyiyumviro vyanje, ingingo zanje n'ibikorwa vyanje uno musi kugira ngo nshobore kugendera rumwe nawe mu gushitsa igikorwa cose mu buryo bubereye kandi bworoshe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndakiriye ubwenge buva ku Mana ku ntambwe yose ntera uno musi. Ndazi ico nkora, igihe co kugikora n'ingene ndagikora. Kubw' Ubwenge bw'Imana, mba mu kibanza co mu gihe co, mfata ingingo zibereye kandi ndabona ukuroranirwa kudasanzwe.

KUNONOSORA INYIGISHO
Yakobo 1:5

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 246
Luka 17:1-19; Zaburi 91-93



ICUMA GIKINGIRA C'AMAHORO

Yesaya 26:3
Uzozigama amahoro atunganye umuntu akwegamikako umutima wiwe, kukw akwizigiye.

Amahoro atunganye si ukubura amatati. Ni ugufukwa n'Imana gukingira umushaha wawe n'igihe amatati agukikuje. Ayo mahoro arabuza umwansi gukoresha akosho kugira ngo agukure mu nzira yo.

Uyu mwaka, amahoro si ikintu uzoryohererwa gusa, ni ikintu uzotwara. Uko akaranga kawe nk'umuserukizi w'Ubwami kagenda karushiriza kugaragara, ukwo kugaragara kuca kuzanana n'induru, ugusamazwa be n'uguhangana. Ariko amahoro ni icuma kigukingira.

Ibuka ko warungitswe ku kazi. Uri umuserukizi, kandi abaserukizi ntibagira ubwoba. Bavuga mw'izina ry'amahanga, kandi ukwemezwa neza bafise kuva ku bo baserukira. Userukira Ijuru. Reka ico ciyumviro kibe muri wewe uno musi: nta maganya, nta bwoba, nta kwihuta. Nushire amanga gusa. Imana yaramaze kugenda imbere yawe. Gumana n'ijwi Ryiwe maze amahoro akore igikorwa co kukurinda.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze kumpfukisha amahoro atunganye. Reka ivyuyumviro vyanje bigume kuri Wewe. Ndinda ivyo nsamaza. Ndizigiye ko ungumiza ku murongo n'ijwi Ryawe uno musi.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndategeka kandi ndatangaza, ko amahanga azokwumva ijwi ryanje. Ngendera mu mahoro atagira agasembwa. Sinzonyiganyiga, sinzosamazwa, canke ngo nkurwe mu nzira mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'I Filipi 4:6-8

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 247
Indirimbo za Salomo 6-8; 2 Ab'i Korinto 10



IMIGAMBI YAWE YIHEREZE IMANA

Imigani 16:3
Uremeke Uhoraho ibikorwa vyawe, Ni ho imigabo yawe izokomera

Iyo uhaye Imana imigambi yawe, uba uriko uratumira ubwenge bw'Imana mu cumba c'imigambi y'ubuzima bwawe. Uko umuha ibikorwa vyawe n'imigambi yawe, azana ugushira ku murongo ivyiyumviro bisabagiye kandi akaguha ugushikama mu ntambwe yawe yose.

Akenshi, si ukubura iyerekwa bitera intuntu, ni uburemere bwo kugerageza kubikora vyose wenyene. Ariko iyo umaze gushiramwo imigambi yawe, ingingo zawe n'amabanga yawe mu minwe Yiwe, utangura kwiyumvira neza, intambwe ikurikira ikaba yoroshe kubona.

Uriko urakorana n'Imana y'akataraboneka. Iriko Irashikamisha intumbero, umwanya, amasano, ibikenewe, n'uburyo bwo kubishikako kugira ngo ivyari bimeze nk'ibirengeye bibe bipanze kandi bishoboka. Imbere y'uko utera intambwe uno musi, banza uhagarike. Zana imigambi yawe imbere Yiwe. Reka avuge muri yo, ayihumekere, akuje imbere ari muri wewe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndaguhaye urutonde rwose, umugambi wose, n'ingingo yose iri ku mutima wanje. Impa ugusobanukirwa aho ntatahura neza, uzane uburongozi aho nakekeranije. Urakoze gushikamisha intambwe zanje uno musi.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uko mpereza Uhoraho imigambi yanje, ni ko ivyiyumviro vyanje bishikama. Ubwenge bw'Imana burayobora umwanya wanje, ingingo mfata n'ingene nkora. Ivyo nashizeko ukuboko vyose uno musi biratanga ivyiza. Uyu ni umusi utagira amakosa!

KUNONOSORA INYIGISHO
Abanyefeso 1:11

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 248
Yesaya 1-2; 2 Ab'i Korinto 11



GoodNews DAILY

DUGA

Abaheburayo 12:1
... Twiyambure ibituremera vyose, n'icaha gikunda kutwizingirako vuba...

Indege zigenewe kuguruka, ariko ukuntu zishika hejuru n'ingene zishika kure bivana n'ico zitwaye. Indege iremereye cane iduga buhoro buhoro, igashika ku kirere co hejuru cane munyuma, kandi igaturira igitoro cinshi kugira ngo gusa igende urugendo nkurw'iyindi ndege. Uko igitoro c'indege giturirwa, uburemere bukagabanuka, ni ko indege ica ibasha kuduga hejuru cane ikabona kugenda neza.

Ubuzima bwawe na bwo nyene bukora uko. Ububasha bw'Imana burahari, ariko uburemere budakenewe buragira ico bukoze ku kunyaruka kuduga no gushika kure kwawe. Ibiremera bimwe bimwe ni nk'ingeso. Ibindi ni nk' imigenderanire, ivyiyumviro canke imizigo yo mu mu bigumbagumba. Ushobora kuba ukigendagenda, ariko ukuja hejuru kwawe kukikwega kandi ukisanga ukoresha inkomezi nyinshi kurusha uko vyari bikenewe.

Kwikorera umuzigo w'ejo hahise ntibizogushikana ku rugero rwo hejuru rw'ejo. Fata ingingo ubu nyene ko ata kintu na kimwe kizokwitambika imbere y'ivyo Imana yaguteguriye. Rekura ikintu cose kikubuza kuja hejuru, maze ushikire urugero rw'impwemu ukeneye gushikako kubwa kazoza kawe. Shika ku vyo hejuru cane!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, hishura kandi ukureho ikintu cose cobuza iterambere ryanje. Mpa ubuntu bwo kureka ingeso, imigenderanire n'imitekerereze itagikorera intumbero yawe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndarekuye uburemere bwose budakenewe. Nta kintu na kimwe co muri kahise kanje kizogabanya kazoza kanje. Ndashika ku kibanza co hejuru Imana yanteguriye.

KUNONOSORA INYIGISHO
Abafilipi 3:13-14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 249
Yesaya 3-4; 2 Ab'i Korinto 12



KORESHA AMAJAMBO

Hoseya 14:2
Mujane amajambo yo kwisaba mugaruke k'Uhoraho...

Abana bato barira kubera ko batarashobora kuvuga. Iyo bumva inzara, badatekanye, bafise ubwoba canke bakeneye uwubitaho, kuko ata majambo bavuga, kurira ni kwo kuba uburyo bwonyene bavugamwo.

Mu vy'impwemu, Ivyanditswe vyita urwo rugezo nepios, uruyoya muri Kristo. Abakristo b'aba nepios bifata nk'inzoya imbere y ingorane: kurira kubera umukazo, kurira kubera amafranga, kurira kubera irungu canke amabanga bashinzwe. Ikibazo si uko ibintu vyifashe; ni ukubura kw'amajambo ukoresha.

Imana ntiyigeze idutegeka guca mubuzima turira. Yavuze ati: «Mwitwaze amajambo.» Ijambo ry'Imana rifise ububasha, rihindura ibirere, kandi ritegeka ibintu gutanga inyishu runaka.

Uyu si umwaka wo kwidogera ibihe turimwo. Uyu ni wo mwaka wo kuvuga! Jana amajambo mu masengesho yawe, mu musi wawe, umubiri wawe, amafranga yawe, ingingo ufata zawe, kazoza kawe. Ubaka isi yawe ukoresheje ivy'Imana yamaze kuvuga.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, igisha akanwa kanje kuvuga Ijambo ryawe kugira ngo nkizwe ugucika intege n'inyifato z'ubwana. Uko mvuga, mfasha kugenzura amajambo yanje kugira ngo ubuzima bwanje bugaragaze ububasha bw'ivyo wamaze kuvuga.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Akanwa kanje ni moteri y'ugutera imbere kwanje. Njana Ijambo mu vyo ncamwo vyose. Ndategeka ubuzima, inkomezi, ivyo nkeneye n'intsinzi. Ubuzima bwanje buremera ububasha bw'Ijambo, kandi vyose birahinduka uko mvuga!

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Petero 1:19

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 250
Yesaya 5-6; 2 Ab'i Korinto 13



AMASHIMWE ATAMENYEREWE

Abagalatiya 4:27
Kuko handitswe, ngo Nezerwa, yewe mugore w'ingumba utavyara, turika, usemerere, wewe utaramukwa,...

Iyo uhaye umuntu ingabire aha agaciro vy'ukuri, aca ahita ayakira. Ntarinda kuyisuzuma, ngo ayigerageze canke ngo ayisese. Araturika mu gushimwe, mu kugushimira, mu guhimbaza no mu kugaragaza umunezero.

Uko twakira imihezagiro y'Imana bisaba kwerekana amashimwe atamenyerewe. Nk'abantu b'ukwizera, ntiturindira kubona imbere y'uko turyoherwa. Twizera ko twaronse igihe twasenze, atari igihe bigaragaye.

Nturindire kubona umuhango uri mu minwe yawe kugira ngo wugurure akanwa kawe. Menyereza ugushima kwawe ubu. Wibone uriko uraca mu miryango y'ubudandaji bwawe bushasha. Umva ijwi ry'urufunguzo rwatsa imodoka yawe nshasha. Niwibone uriko urasinya amasezerano y'amamiliyaridi y'amadolari kubw'umugambi wawe. Ibone uriko urasimbasimba, ata mubabaro kandi ukize bishitse. Gushima imbere y'igihe ni vyo bitegura inzira y'ivyo witeze.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, reka ishimwe ryanje riduge mu kwizera. Uko nshima imbere y'uko bigaragara, reka imiryango yuguruke, amasezerano asinywe, kandi mbone ugukira. Ndagushima ubu kuvyamazwe gushingwa mw'ijuru.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndashima Imana imbere y'isezerano ryigaragaza. Ishimwe ryanje riduga ngo rihwane n'ubukuru bw'ivyo Imana yanteguriye! Amen.

KUNONOSORA INYIGISHO
Amosi 9:13

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 251
Yesaya 7-9; Ab'i Galatiya 1



GUFATWA NEZA

Zaburi 105:15
Ntimukore ku bo narobanuje amavuta...

Mu bihe vya kera, ukubaho kw'Imana kwari gutwarwa mu kintu gifadika, ari co Isandugu. Igihe Uza yaramvura ukuboko kugira ngo ayifate ntigwe, yaciye akubitwa arapfa ubwo nyene (2 Samweli 6:1-7). Yize mu buryo bukomeye ko kugerageza gufasha Imana atavyo yagutumye ari ikintu giteye ubwoba. Isandugu ntiyashobora gukorwako uko arikwo kwose kuko Imana yari muri yo.

None rero, ubu ukubaho kw'Imana kuba muri wewe. Uri isandugu y'Imana. Ivyo bisigura ko udashobora gukorwako, gufatwa canke kwegerwa uko akwo arikwo kwose. Igiteye ubwoba kuruta ibindi vyose mur'uku kuri n'uko ari wewe ushiraho ukwo "gukorwako" kwemewe ukwarikwo.

Imisi yawe yo gusunikwa, gufatwa nabi canke kutitabwaho irarangiye. Imana iriko irakora igikorwa kidasanzwe muri uyu mwaka, nawe uri Uwarobanujwe amavuta wayo. Utwara Ukubaho Kwiwe. Kandi Ijuru rishira mu ngiro ivyo wemera n'ivyo wanka.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye ukubaho kwawe kuba muri jewe. Nyigisha kwubaha ivyo warobanuje amavuta no kwiyubaha nk'ikibanza Udwebereyemwo. Mpa ugutahura kugira ngo menye ivyo ntegerezwa kwemerera, umpe ubushizi bw'amanga bwo kwanka ivyo bisuzuguza Ukubaho Kwawe mu buzima bwanje.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndi uwarobanujwe amavuta n'Imana. Sinshobora gufatwa nabi. Ikigerageza cose kunkorako, kumbuza canke kunrwanya kirahagaze kandi kiraciriweho iteka mw'Izina rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Timoteyo 4:14

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 252
Yesaya 9-10; Ab'I Galatiya 2



ABAPFUYE NTIBABESHA

Abagalatiya 2:20
Nabambanywe na Kristo, ariko ndiho; yamara si jewe nkiriho, ni Kristo ariho muri jewe...

Hari igitabu citwa Abaganga Bapfuye Ntibesha. Iciyumviro caco kiroroshe: urashobora kwigira vyinshi ku bintu vyamaze gupfa. Dushingiye ku Vyanditswe, wewe wa kera wabambanywe na Kristo, uwo "wewe" yabumbwe mw'isoni, ubwoba, ukunanirwa n'ugucika intege, yarapfuye.

Abapfuye ntibaharira n'ukuri. Ntibidodomba canke ngo bavuguruze ivyo Imana ivuga. Nk'umukristo, ntukibaho kubera ubuzima bwawe ahubwo ubaho kubera ubuzima bwa Kristo. Rero, nk'icaremwe gisha, hari ibintu utegerezwa kudasubira kwibesha kandi. Ntukigere uvuga ngo urankwa kandi ukunzwe mu Bakundwa. Anka kwiyita uwutagira ubushobozi kandi Mpwemu w'Imana akubamwo. Ntukigere uvuga ubukene kandi vyose ari ivyawe. Reka amajambo yawe yemeranye n'ukubambwa kwawe hamwe n'ukuzuka kwawe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushima ko ubuzima bwanje bwa kera bwabambanywe na Kristo. Reka ivyiyumviro vyanje, amajambo yanje n'ibikorwa vyanje vyerekane kamere kiwe, ukugororoka kwiwe n'intsinzi yiwe. Mpisemwo kubeshwaho n'uwo ndi muri Wewe. Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Jewe wa kera yabambanywe na Kristo. Ubu mbeshejweho n'Ubuzima bwiwe, n'Ukuri kwiwe, n'intsinzi yiwe. Ndanse akaranga k'ikinyoma, mvuga gusa ibihuye n'ubuzima bwanje bwazutse. Ikinyoma cose kiranumishijwe mw'Izina rikomeye rya Yesu!

KUNONOSORA INYIGISHO
Yohana 1:12-13

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 253
Luka 17:20-37; Zaburi 94-96



UKWIGARURIRA BIBANZIRA AMASENGESHO

Mariko 11:23
...arikw akizera yukw ico avuze gikorwa, azokibona

Hariho urugero mu Mana aho uba utagisenga; wigarurira! Iyo ikintu kibaye icawe mu mpwemu, imvugo yawe irahinduka ikava ku gusaba ikaja ku kumenyesha. Ntusaba ibisanzwe biri mu minwe yawe: uvuga nk'uwufise.

Jewe n'umukenyezi wanje twashitse ahantu ivyo dukeneye ataba arivyo twitwararitse. Nk'uko Ivyanditswe bivuga, turi "abihagije." Amasengesho yacu ntagishingiye ku vyo dusaba ahubwo ashingiye ku vyo Ubwami busaba: amahanga, abantu, ukwaguka n'iterambere. Ivyo ni vyo ukwigarurira bikora: bishira isengesho ku rundi rwego.

Uyu mwaka, amasengesho yawe ariko arahinduka. Uko ufata ivyo Kristo yamaze kukuronkera, uzosanga uvuga bike biva ku cipfuzo, vyinshi biva ku kuganza. Uyu niwo mwaka ufata ivy'ivyawe mu vy'impwemu, mu vy'amafranga, mu vy'umubiri no mu vy'ubuhanuzi. Urigarurira ivyawe mw'Izina rya Yesu!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye ububasha wampaye muri Kristo. Hindura ugutahura kwanje kuve ku gusaba gushike ku kwigarurira, kandi umfashe kuvuga bivuye mu kuganza, atari mu kuburanirwa mw'Izina rya Yesu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mfise ivyo Imana yandonkeje. Ndaganza; sinsegerereza. Ndategeka ukwongerekana, uguhazwa n'iterambere ridasanzwe mu karere kose k'ubuzima bwanje!

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Ab'i Korinto 3:21; 2 Ab'i Korinto 9:8 (AMP)

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 254
Yesaya 11-13; Ab'i Galatiya 3



GoodNews DAILY

AMASENGESHO ATANGAJE

Zaburi 5:3 (MSG)
Buri gitondo ndashira ibigize ubuzima bwanje ku gicaniro cawe, nkihweza uko umuriro wawe umanuka.

Umuriro uva ku mavuta uri mu bitera ubwoba cane kuko uragoye guhagarika. Iyo umaze kuwudomeka uraka cane, ugakwiragira ningoga kandi ukanka kuzimishwa n'uburyo busanzwe. Imbeya zirasimbagurika, zikagenda zikomera kandi zigwiza. Iryo ni ryo shusho ry'ubuzima bw'amasengesho yaka umuriro.

Iyo ushize ibigize ubuzima bwawe ku gicaniro c'Imana, umuriro urabiha iforoma. Isengesho rihinduka iry'umuriro, rigashobora kwatsa ikintu cose rikorako. Ako "kaga" k'umuriro w'amavuta gacika akarusho kawe: ugumizako, ntuhagarikwa, ugenda ningoga, kandi umwansi ntashobore kuwuzimya.

Muri uyu mwaka w'amavuta atangaje, ubuzima bwawe bwo gusenga buzoturira. Ntibuzoba ubwoko bw'isengesho ry'intege nke, ry'ubusa rigenda rizunguruka rikazima, ahubwo ni irikwiragira mu nzu yawe, mu ngingo zawe ufata, mu vy'amafranga no mu bikorwa vyawe ujejwe. Isengesho ryegeranya ibintu vyose vy'ubuzima bwawe vyasanzaye mu kibanza kimwe imbere y'Imana hama rikabicana ku muriro.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, umuriro mweranda umanuke, udomeke ubuzima bwanje bwo gusenga n'amavuta atangaje. Uturire ibinsamaza, intege nke n'ubunebwe. Reka amasengesho yanje abe ayamizako, adahagarikwa, ay' umwansi adashobora kuzimya.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uko nshira ubuzima bwanje ku gicaniro, umuriro w'Imana uratongora ibice vyose bingize, Ijuru ririshura, ikuzimu hagatinya. Amasengesho yanje arateye ubwoba!

KUNONOSORA INYIGISHO
Mariko 1:35

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 255
Yesaya 14-16; Ab'i Galatiya 4



UMUSHOMERI

2 Timoteyo 1:10
ariko none bgaseruwe n'ukuboneka kw'Umukiza wacu Kristo Yesu, yahinduye urupfu ubusa, ...

Uwo murongo ukwiye kuba umwe mumirongo yambere itera ukutumvikana muri bibliya, ariko siko biri, kubera aba Kristo benshi baranka kwemera ubushobozi burengeye uwo murongo uhishura. Ukudapfa s'ivyo mwijuru gusa; ni ivy'ubu. Impamvu y'ivyo iragaragara:
Kristo yarakuyeho urupfu.

Mu bwami bwacu, urupfu rwarakuweho. Ijambo katargéō muki giriki, risobanura ko rwahinduwe imbura kamaro, rwashomereye, kandi rutagikora. Haleluya! Urupfu rwatwawe inguvu zose, ububasha n'ubushobozi. Ntirukwiye guhabwa akazi, ngo rukore canke rukoreshwe mubuzima bw'umu Kristo. Ntivyemewe n'amategeko!

Iyemerere kugendera mu muco w'uku kuri. Birimbureko mpaka bikwinjiyemwo neza, bikaba ukuri kudaharirizwa. Reka bihindure ingene wiyumvira, uvuga kandi wishura kubwoba, indwara hamwe n'ukudashika kure. Kristo ntiyagerageje urupfu. Yaragwambuye. Ntushobora kwicwa.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye kubw'igikorwa caheze ca Kristo. Ndagushimiye ko urupfu rwakuweho, rwambuwe inkomezi, kandi rutagishobora gukora mubuzima bwanje. Reka iri hishurigwa rishinge imizi mu mpwemu yanje.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Itegeko rya mpwemu y'ubugingo rirakora kandi riraboneka mu buzima bwanje. Urupfu nta bubasha bufise kuri jewe. Ndafuse ikintu cose c'urupfu! Rupfu, urakuwe mu kazi!

KUNONOSORA INYIGISHO
Ababeburayo 2:14-15; Abaroma 8:1-2

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 256
Yesaya 17-19; Ab'i Galatiya 5



UHORAHO AZOHAGURUKA

Yesaya 28:21
Kuk' Uhoraho azohaguruka nk'uko yahagurutse ku musozi Perasimu...

Iyo Uhoraho ahagurutse, vyose birahinduka. Mu Vyanditswe vyose, uguhaguruka kwiwe ni ikimenyetso c'igikorwa gikomeye. Iyo ahagurutse, urubanza ruracibwa, imbabazi zirasukwa, ivyari bisa n'ibitava aho biri bigatangura kugendagenda. Arahaguruka igihe uguteba kutagishobora kubandanya. Arahaguruka kugira ngo akore kubw'abantu Biwe, abatoneshe kugira ngo ubwiza Bwiwe buboneke mu buzima bwabo.

Ku musozi wa Perazimu, Uhoraho yahagurutse ningoga na ningoga, nk'umwuzure ududubije. Yesaya avyita "igikorwa ciwe gitangaje," ikintu kitari citezwe cateye ubwoba abantu bose. Kuko Imana Ihagurutse, ivyo Ikora bizogutangaza. Ntizoba ari mu buryo bwinyegeje canke ngo bibe buhoro buhoro. Bizoba vyihuta, ntibizohakanwa, kandi ku mwanya.

Umwansi wese w'iterambere ryawe, yaba umukazo w'amafranga, indwara zamaho, imiryango yugaye, ukurwanywa mu vy'impwemu, canke impwemu y'uko ibintu biguma biteba, ariko arahangana navyo. Icakurwanije mu gacerere kizogwa hasi n'ijwi risamiranye. Nta kintu na kimwe gishobora guhagarara mu nzira Yiwe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye ko wahagurutse ku bwanje. Ivyo vyose bihagaze birwanya amagara yanje, amafranga yanje n'igikorwa canje, bisenyuke munsi y'ububasha Bwawe. Uyu nube umusi igikorwa cawe gitangaje kiboneka biciye muri jewe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Uhoraho Yahagurutse ku bwanje! Icangwanya cose kiragwa. Uguteba kwose, imyuka mibi, n'ukurwanya kwihishije biraciriwe urubanza. Igikorwa ciwe gitangaje catanguye!

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 68:1-4

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 257
Yesaya 20-22; Ab'i Galatiya 6



GoodNews DAILY

AMAFARANGA Y'INKURU NZIZA

Mariko 16:15
Arababarira, ati Mugende muje mu bihugu vyose, mubgire ivyaremwe vyose ubutumwa bgiza.

Bishobora kugutangaza kumenya ko abakristo benshi, naho bavutse ubwa kabiri, batigeze bumva Inkuru Nziza. Inkuru Nziza (euagellion) ni nziza kuburyo bigoye kwemera ko yoba ariyo. Bene Data, nimba atari nziza, si Ubutumwa (Gospel).

Ubutumwa bwiza bugenewe kwamamazwa hose, atari ku bantu gusa, ariko "ku vyaremwe vyose." Ni ryari uheruka kubwira ubutumwa bwiza ubucuruzi bwawe? Ushobora kuba uriko urakora igikorwa c'ubugabuzi ku musi w'Imana, ariko woba waramamaje inkuru nziza ubwira konti yawe yo muri banki?

Reka uno musi ube ikimenyetso co gutangura canke gusubira gutangura igikorwa cawe co kwamamaza Inkuru Nziza. Bwiriza ikiremwa cose, icaremwe cose. Inkuru nziza hose!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, mfasha kwamamaza ubu butumwa bwiza n'ubushizi bw'amanga kandi ata karimbi. Reka ugutunga, ukuduzwa n'uguhazwa bikoreshwe mu guteza imbere Inkuru Nziza biciye mu buzima bwanje, kubw'icubahiro bwawe. Amen.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndategeka kandi ndamenyesha: amafranga arandondera. Sinzobura amafranga muri uyu mwaka. Konti ya banki we, amafaranga ava mu mahanga yose ariko arakuzako! Bucuruzi we uriko uratera imbere uko utigeze n'uruzi rudahera rw'abaguzi beza cane! Mafranga yanje, uriko uragwira kubw'icubahiro c'Imana. Ndabwiye amafranga yanje nti: Inkuru nziza kuri wewe!

KUNONOSORA INYIGISHO
Yeremiya 22:29

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 258
Yesaya 23-25; Abanyefeso 1



INYONGERA KU GUTWARWA

Matayo 6:33
Ariko mubanze mwitwaririke ubgami bg'Imana n'ukugororoka kwayo, ni ho ivyo vyose muzovyongerwa

Abantu banywa ibiyovyabwenge barafise inyifato zabo. Batunganya umusi wabo bafatiye kuvy'ipfuzo vyabo. Baravyiyumvira, bakabitegura, bakabikurikirana, kandi bakavyihebera. Yesu yarakoresheje iyo shusho nyene igihe yavuga ngo mubanze murondere Ubwami. "Kurondera" (epizēteō) bisigura kurondera canke kwipfuza imbere y'ibindi vyose; ni urugero rutemera ko uvyiyobagiza.

Iyumvire iyaba ukurondera Imana kwawe kwari gufise urwo rugezo rwo kuvyitaho. Umuntu yosuzuma ingeso zawe, ingene wiyumvira, ingene upanga be n'ingene ukoresha umwanya wawe, mbega yoshika ku ciyumviro c'uko "watwawe" n'ibintu vy'Imana?

Iyo ivyo Imana ishaka bibaye ivyo ushira imbere, ivyo ukeneye birakwongerwako ata ntambara canke kuruha. Heba umuco w'ukubaho ubuzima buruhisha. Ihebere bimwe bishitse gahunda Yiwe. Ukwo nikwo gutwarwa kwonyene Imana izoshigikira.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, tunganya ivyipfuzo vyanje, wongere unyibutse ivyo gushimikako. Nyigisha kukuronderana umwete, n'ukugushira imbere, n'ukukwihebera. Kura icipfuzo cose kitari co, ugisubirize n' inzara y'Ubwami Bwawe n'ubugororotsi bwawe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ubuzima bwanje burangwa no gukurikirana Imana n'umutima ukunze. Ndipfuza cane ukubaho Kwiwe. Ndihebera bimwe bishitse gahunda Yiwe. Naratwawe n'Ubwami; ivyo nkeneye vyose biranyogerwako, kandi ukuduzwa ni ngombwa!

KUNONOSORA INYIGISHO
Imigani 23:4; Ab'i Filipi 4:19

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 259
Yesaya 26-27; Abanyefeso 2



AMA MEZA ARAHINDUKIJWE

Matayo 2:20
... kukw abarondera kwica umwana bapfuye

Intumbero ikwega ukurwanywa. Imbere y'uko Yesu avuga ijambo canke akora igitangaza, umwansi yarateye ubuzima bwiwe. Akenshi ukurwanywa kugaragara kare ko hariHo ico wahamagariwe kuba. Inyishu y'Imana ntiyari uguhangana mu ntango ahubwo yari ugukinga: hunga!

Ivyanditswe vyerekana ko guhunga bishobora kuba ubuhinga bwo kwizera. Mu nzu kwa Potifari, Yosefu yarahunze ubuhumbu kugira ngo azigame ukudahumana. Dawidi yahunze Sauli kugira ngo akingire umuhamagaro. Paulo yamanuwe mu giseke kugira ngo arokoke akaga maze abeho kugira ngo avuge ubutumwa uwundi musi.

Yosefu, umugabo wa Mariya, yategetswe guhunga kugira ngo akize ubuzima bw'uwo mwana mutoyi. Ariko harashika igihe Imana imenyesha iti: "Abarondera ubuzima bwawe barapfuye." Ibihe birahinduka, umwansi yahora agukurikira ubu akaba ariwe ariko arakurikiranwa. Imana y'Ingabo z'Abamarayika Irakurwanira. Hagarika kwiruka maze utere imbere. Ubu umwansi niwe yiruka!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze kuzigama ubuzima bwanje na kazoza kanje mu bihe vyose c'ukurwanywa. Mpa ukumenya igihe co guhunga, n'ubwenge bwo kumenya igihe co kubandanya imbere. Urakoze kungwanirira no gushirako iherezo iterabwoba ryose riri ku muhamagaro wanje.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndategeka kandi ndamenyesha: umwansi wese w'ico nahamagariwe kuba, ahindutse uwutagira ububasha. Imana iranshigikiye n'ukuboko kwayo kugororotse!

KUNONOSORA INYIGISHO
Yesaya 41:11-13

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 260
Luka 18:1-17; Zaburi 97-99



URUTONDE RW'AMAVUTA

Zaburi 133:2
Bimeze nk'amavuta ya elayo y'igiciro kinini yasutswe ku mutwe, agashorororokera mu bganwa, mu bganwa bga Aroni, agashorororokera ku misozo y'impuzu ziwe

Hari ifi zoga bihushanye n'umurindi, ariko bisaba akigoro kanini cane kuruta gutembana n'amazi. Ibintu vyose bica bigorana, kuja imbere birikwega, inguvu zirahera, kandi uguhangana kukagumaho. Ubuzima buguma uko bwari ata cubahiro gihari. Ni nk'aho wogerageza gusimba hejuru uhagaze ku mutwe.

Ukurobanuzwa amavuta kwongera ukworoherwa aho mu bisanzwe vyari bigumye; ukora vyinshi ukoresheje utwigoro duke. Naho ari ukwo, Imana yaremye ukurobanuzwa amavuta ngo gutembe mu nzira itomoye: gutangurira ku mutwe hanyuma gutemba gushika hasi.

Iyo umenye kandi ugaha icubahiro abo Imana yagushize hejuru, uzoba uri mu kibanza kibereye co kwakira amavuta. Amavuta wubaha niyo ukwega kuri wewe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze ku rutonde washizeho ku bijanye n'ugutemba kw'amavuta yawe. Mfasha kumenya no guha agaciro ubuntu washize mu bandi no guha icubahiro iteka ubwo buntu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ngenda mu rutonde n'icubahiro vy'Imana. Uko nemera kandi ngaha agaciro abo Imana yashize hejuru yanje, amavuta aratemba ata ntambamyi mu buzima bwanje. Ndakira ivyo vyose amavuta ashobora gutanga, mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaheburayo 7:7

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 261
Yesaya 28-29; Abanyefeso 3



UGUTONESHWA KUTANYEGEZWA

Yesaya 60:2
...arik' Uhoraho azokurasira, kand' ubgiza bgiwe buzokubonekako

Ibaze kwinjira ahantu, ikirere kigaca gihinduka. Ibiganiro bigahagarara. Imitwe igahindukira. Abantu bakongorerana, "Uwo ni nde?" Utaranavuga n'ijambo narimwe, ariko hakaba hari ikintu kuri wewe gituma utegwa amatwi. Abantu bakaguha ikibanza; bakakurekera intebe yabo, atari kubera bazi izina ryawe, ariko kubera ikirere utwaye.

Ico nico ugutoneshwa kugira. Kuragutandukanya kandi ntibisaba ko wivuga ic'uri. Hariho amavuta atangaje kubuzima bwawe ahindura ingene bakwishura. Muri kahise, ushobora kuba warakengerewe canke ukarenganywa. Uyu mwaka, ntibigishoboka.

Ntuzokwinjira ahantu gusa; uzotegeka. Mbere uzohabwa amahirwe atari no mu migambi yawe. Abantu bazokuzako batazi impamvu. Ntuvyibazeko. Ntubifate minenegwe. Ntusabire imbabazi. Wabishiriweko ikimenyetso.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye ku cubahiro kiri kuri jewe. Reka ahantu hose ninjira hemere ikirere ntwaye. Reka ugutoneshwa kwugurure imiryango kandi gutume nemerwa ata nsobanuro.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ntwaye ugutoneshwa kutagira uko kungana. No mu gacerere, ndaboneka. Siniruka; Ndategeka. Ubwiza bw'Uhoraho buraboneka kuri jewe, aho nja hose amavuta atangaje aravuga.

KUNONOSORA INYIGISHO
Daniyeli 1:9; Yesaya 60:1-2

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 262
Yesaya 30-31; Abanyefeso 4



BIRENGEYE IVY'IYI SI

Yohana 17:14
... kukw atar' ab' isi, nk'uko nanje ntar' uw' isi.

Abantu bararyoherwa n'ibintu bitangaje bita UFO kubera ko bisa n'ibikoresha amategeko adahuye n'ivyo dutahura. Bigenda mu buryo butandukanye, bishika atavyo witeze, bigasiga ababibona barondera insobanuro.

Iyo nyifato nyene yarakurikiye Yesu. Igihe yakiza abarwaye kandi agakora ibitangaro, abantu bavuga ko batigeze babona ibintu nk'ivyo. Ibikorwa vyiwe ntivyakurikira urutonde abantu bamenyereye. Vyari birengeye ivy'iyi si.

Iyo ngingo ngenderwako nyene irakora kuri wewe. Ukuntu uzokora ubudandaji bizoba bitangaje. Ukuntu uzoronka amafranga ntibizoba bijanye n'ibimenyerewe ubu. Uko abakiriya bakurondera, imiryango yuguruka, n'ivyo ukeneye bikuzako bizotuma abandi bahagarara bakavuga bati : "Ntitwigeze tubona ibintu nk'ibi." Utwaye iyindi nyifato, urundi rutonde, ubundi buryo bwo kuzana ingaruka. Urengeye ab'iyi si!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, reka igikorwa canje, ivyo ntunga, n'iterambere ryanje bikore ibirenze urugero rw'abantu, kugira ngo ubwiza bwawe ku buzima bwanje ntibwitiranywe. Ndakiriye ubuntu bwo gukora buva mu yindi si, no kugaragaraza ingaruka zishobora gusigurwa na Wewe gusa.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nkorera kurutonde rwo hejuru. Ivyo naronse birashinga intahe ko ntari uwo muri iyi si. Ivyerekeye ubuzima bwanje vyose biratangaje!

KUNONOSORA INYIGISHO
Mariko 2:12

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 263
Yesaya 32-33; Abanyefeso 5:1-16



BININI!

Luka 5:4
... Igira mw'idamba, muterere insenga zanyu murobe

Igiharuro Googol imwe ni 1 rikurikirwa nama zero 100. Igiharuro ca googolplex naco ni 1 rikurikiwe n'ama zero angana na ca giharuro googol ca mbere. Ikirenze ivyo, abahinga mu vy'ibiharuro bakorana n'ibiharuro binini cane ku buryo bishobora kudondorwa hakoreshejwe ubuhinga bwo gucapura vyonyene. Mu kuvuga ko "Igitigiri ciswe kinini" nitwe tuba twihaye aho tugarukira.

Dufise ivyyumviro vya Kristo, ivyiyumviro bitagira uburimbi. Rero, naho ibiharuro bito bishobora kuba vyoroshe, Imana ntiyigeze itegeka abantu bayo kugira ivyiyumviro bitobito. Yesu yabwiye Petero ngo aterere insenga ziwe mu mazi menshi, aho kuziterera mu mazi make ya hafi, maze ivyo bituma zuzura gushika aho zisenyuka.

Ntutinye igiharuro kinini. Ibwire ko ama dolari 10.000 ari make. Ibwire ko ama dolari 2.000.000 ari amafrangwa y'ifungurwa za sasita. Ibwire ko ama dolari imiriyaridi ari umushahara wawe mutoyi. Koresha ukwizera kugira ngo uve aho uri ugende mu mazi menshi. Ntuhagarike gushika ugeze aho ukenera guhindura izina ribe irigaragaza ingene uroraniwe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, agura iyerekwa ryanje, wirukane ubwoba bwose bujanye n'ukuja hejuru. Nyigisha kwiyumvira binini no kudatukisha ubushobozi bwawe bwo kunteza imbere.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndatangaza igitigiri kigaragaza ubukuru bw'Imana nkorera. Uyu ni umwaka wanje wo gutera imbere mu mazi menshi; Imana iruzuza insenga zanje gushika zicitse.

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Ab'i Korinto 2:16

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 264
Yesaya 34-36; Abanyefeso 5:17-33



UBUZIMA BUTANGAJE

Luka 2:26
Yari yarabgiwe na Mpwemu Yera yukw atazopfa, atarabona Kristo w'Umwami Imana.

Ufise ubuzima Imana Ifise; uko n'ukuri kw'ubu. Yohana 3:16 havuga ngo uwizera Kristo wese ntwakwiye gupfa, ahubwo aronka ubugingo budashira. Icaremwe gishasha muri Kristo ntikigenewe kubaho citeze urupfu. Utegerezwa kugira zōé, ubuzima nk'uko Imana ibufise, ubu.

Simeyoni yaronse ihishurirwa rya Mpwemu Yera ko atazobona urupfu atabonye Mesiya. Yamara rero, urafise ibirenze ivyo Simeyoni yahishuriwe: Mpwemu atanga ubuzima ubu aba muri wewe. Mu Baroma hatubwira ko uwo Mpwemu nyene yazuye Kristo mu bapfuye ari we azura umubiri wawe upfa, akaguma atanga ubuzima, inkomezi n'ukwiyubura mu mubiri wawe.

Fata ingingo yuko utazopfa. Vyiyemeze. Vyizere. Wibwire uti: "Nzoba ndiho kandi nzoba nkiri muzima igihe Umwami azogaruka." Baho!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, ndagushimiye Ubuzima Bwawe buri muri jewe. Uyu musi ndatanze ingingo zanje kuri Mpwemu atanga ubugingo kugira ngo mbone ubuzima budashira bukora muri jewe ubu.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mfise ubuzima bw'Imana muri jewe. Sinzopfa. Ndategeka kandi ndatangaza ko nzoba ndi muzima kandi merewe neza igihe Umwami azogaruka.

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Ab'i Korinto 15:51

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 265
Yesaya 37-38; Abanyefeso 6



ASIRANSE Y'UBUZIMA

2 Ab'i Korinto 9:7
Umuntu wese atange nk'ukw abigabiye mu mutima wiwe, atababaye cank' atagoberewe, kukw Imana ikunda utanga anezerewe.

Abantu baragura asiranse y'ubuzima kugira ngo bakingire canke bategure abo bazosiga. Ariko mu Bwami, hariho ubundi bwoko bwa asiranse y'ubuzima, izigama wewe. Iyo uri uwutanga anezerewe, yihuta gutanga, uba uriko ushiraho asiranse y'ubuzima iva ku Mana irengeye iy'abantu.

Doruka yari umugore wo muri Bibiliya yazutse kubera ugutanga kwamaho kwiwe. Imbuto yiwe yavuze mu gishingo ciwe igihe atari abishoboye, kandi Imana yarazigamye ubuzima bw'umubivyi Wayo.

Ukingire asiranse yawe y'ubuzima mu kuba ubwoko bw'umubivyi Imana irondera; si uwutanga ku gahato, ahubwo ni uwutanga afise umunezero, azi ko ariko ararangura icipfuzo c'umutima w'Imana.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data ndagushimira ubuntu bwo kwemera ubutumire bwawe bwo gutangana umutima ukunze kandi ubishaka. Reka umunezero wanje uruta uwundi wose ube ukuguhimbara mu vyo nkora vyose.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndi umubivyi w'Imana anezerewe, yihuta gutanga! Uko ntanga, ndazigama urutonde Imana yanshiriyeho rwo kuzigama ubuzima bwanje, amagara yanje, umuryango wanje n'aho nzoshika. Amen.

KUNONOSORA INYIGISHO
Ivyakozwe n'Intumwa 9:36-41

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 266
Yesaya 39-40; Ab'i Filipi 1



IGIKORWA GITANGAJE, IBIKORWA VY'AKUMIZA

Yohana 10:34
Yesu arabishura, ati Mbega ntihanditswe mu vyagezwe vyanyu, ngo Navuze nti Mur' imana?

Twaremwe mw'ishusho n'ugusa n'Imana. Ivyo bisigura ko tudasa muri kameremere kiwe gusa, ariko no mu buryo akora nabwo. Yesaya atubwira ko Uhoraho akora igikorwa ciwe kidasanzwe n'igikorwa ciwe c'akumiza. Nimba ibikorwa vy'Imana ari ivy'akataraboneka kandi vy'akumiza, nk'abakozwe mw'ishusho yayo, ivyacu na vyo nyene bikwiye kuba biri gurtyo.

Kuzana imishaha mu bwami kuyitegura kuva kuri iyi si ni igikorwa kidasanzwe. Kwitegurira ibihe bidashira mu gihe isi iriko iriruka n'umwanya ni igikorwa c'akumiza. Kubiba mu bwami kugira ngo imishaha mu mahanga ishobore kurokoka mu musi umwe ni ikintu gitangaje.

Dusangiye ibuzima n'Imana kandi inzira zayo zica kubiri n'ibimenyerewe kandi zigatera akagere ivy'akera. Igihe ukwumvira kwawe bisa n'ibidasanzwe, canke igihe igikorwa cawe kimeze nk'ikidahuye n'isi, wibuke uwo uri. Wagenewe igikorwa kidashobora gusobanurwa Imana itarimwo.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, mbohora uguhahamira ukwemerwa n'abantu, kandi unkomeze nshitse ibikorwa bihindura uko ibintu bimeyerewe kandi biteye akagere ivya kera. Reka mbe icabona gityoroye c'uko uriko urakora igikorwa cawe gitangaje biciye muri jewe.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Mfise ubuzima bumwe n'Imana. Nkora ibikorwa bitangaje n'ibikorwa vy'akumiza n'ubushizi bw'amanga. Nzana imishaha mu bwami nkoresheje inzira z'akumiza!

KUNONOSORA INYIGISHO
Yesaya 28:21

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 267
Luka 18:18-43; Zaburi 100-102



GoodNews DAILY

IKIVAJURU

Abafilipi 3:20
Tweho i wacu ni mw'ijuru,...

Ikivajuru gitahurwa cane nk'ikiremwa kiva hanze y'isi: ubuzima buva ku wundi mubumbe. Abakirisu barashobora kuvugwa ko babereye kwitwa ari abavajuru. Turi ba kavantara kw'isi, abenegihugu bo mw'Ijuru tubayeho igihe gito mu bo duhamagariwe kubwira ngo biyuzuze na Kristo.

Igihe ubaye uri mu gihugu c'amahanga, woshobora kwiga ururimi rwo muri ico gihugu ukongera ugasonera imigenzo imwimwe y'aho hantu, mugabo ukudahemuka kwawe kuguma ku gihugu c'amavukiro. Aho ni ho hava, ingingo ufata be n'ukuntu wiyumva. Ushobora gusa n'abandi bose, ariko uratandukanye. Imvugo yawe, ivyo ushira imbere n'inyishu zawe birerekana aho uva vy'ukuri.

Intwari mu kwizera zari zizwi nka ba kavantara kw'isi. Intumwa Petero atumenyesha ko turi ba kavantara. Isi ni co gikorwa cawe, si inkomoko yawe. Uhagaze hano gusa. Ijuru ni ho muhira h'ukuri; Kw'isi ni abaramukanya gusa.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, n'uzigame umutima wanje ngo ntuzimizwe n'imigenzo y'iyi si. Ubuzima bwanje bugaragaze neza umuco w'Ijuru aho nkomoka n'Imana nserukira.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Ndi umwenegihugu w'Ijuru. Ubudahemuka bwanje ni ubwa Kristo wenyene. Ntwara umuco w'Ijuru kandi nshitsa igikorwa canje co kw'isi ntatakaje akaranga kanje k'ibihe bidashira. Ndi mw'isi, ariko sindi uwayo, mw'Izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Abaheburayo 11:13

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 268
Yesaya 41-42; Ab'i Filipi 2



AMAVUTA ATYOROYE

Umusiguzi 10:1
Isazi zipfuye zonona amavuta y'abahinga babimogoreye, akanuka...

Umubiri w'umuntu uguma usohora kandi wakira inkomezi umwanya wose. Turarungika, tukakira, dukora nk'ama antene yigendera. Ni co gituma Ivyanditswe bitanga amabwirizwa atomoye ku bijanye no gukorana hagati y'umubiri n'impwemu. Igihe cose habaye ukurambikwako ibiganza, amavuta aba ahanahanywe, yaba ari ay'Imana canke ayatava kuri yo.

Kuko ukwo guhanahana gutegerezwa kuba, ugutahura ni vya nkenerwa cane. Bibiliya ntivuga ko umuntu yokwirinda kwakira amavuta burundu; ivuga ngo ntimuvyemere bukwi na bukwi. Hategerezwa kubaho ukugaragara kw'isoko. Nka kurya kw'uruzi, amavuta ava ku mutwe aja hasi. Nk'uruzi, iyo isoko ryanduye, ikintu cose kiri mu ruzi kirashikirwa; kandi ntibisaba vyinshi kugira ngo umuntu ahumane iyo yar'atyoroye.

Ikintu cose gifise umutwe urenga umwe citwa igihume. Ukuzazanirwa ko mu vy'impwemu kuva ku kwumviriza amajwi menshi cane. Imana itanga ijwi rimwe ry'intango, umutwe umwe, isoko rimwe ry'uguhishurirwa ariho amavuta yawe ava. Muri uyu mwaka w'amavuta atangaje, menya neza ku bijanye n'ukurambikwako ibiganza, amajambo n'impwemu uriko urakira uwo bivako. Kingira amavuta yawe.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, mpa ugutahura kugira ngo menye ijwi warungitse kubwanje kugira ngo nshobore kwakira ibiva kuri Wewe vyonyene.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Amavuta yanje aratyoroye. Nakira kw'isoko Imana yampaye. Ndategeka kandi ndamenyesha ko ata sazi ziba mu mavuta yanje.

KUNONOSORA INYIGISHO
1 Timoteyo 5:22

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 269
Yesaya 43-44; Ab'i Filipi 3



NTA NGONGO INKORAKO

Yesaya 10:27
... Kandi kur' uwo musi imitwaro babaremeka izobava ku bitugu, n'ingogo babambika mu mazosi zizovunwa

Benshi bigishijwe ko ico canditswe gisobanura ko amavuta azomena ingŏgo imaze gushirwa ku muntu. Ariko rero, ivyo biragabanya uburemere bwose bw'uwo murongo. Amavuta avugwa ngaha si amavuta akora buke buke; arafise ububasha buhagije bwotuma ingŏgo idashobora kugukorako na gato.

Itegereze itandukaniro riri hagati yo kwitwararika ivyabaye no kubuza ko biba. Woshima ko bagushirako ingŏgo hanyuma igaca ivunika, canke woshima kuba uwutayishirwako? Ico kigereranyo gisa n'ugukira hamwe n'amagara y'Imana. Gukira bisubizaho ivyo indwara yononye, ariko amagara y'Imana arabuza ubwa mbere na mbere indwara kugutera. Kimwe ni ciza gusa; ikindi naco n'ico hejuru kirarushirije.

Iyo amavuta ariho kandi akora, agahahazo ntigashobora kuhaguma, akarimbi ntigashobora kukwiboherako, n'imitwaro ntishobora kugufata. Aya Mavuta atangaje arema ikirere aho ingŏgo zidashobora kuba. Igihe zigerageje kwegera, zirasambuka.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze gushinga ikirere gikikuje ubuzima bwanje aho agahahazo, uburimbi, n'imitwaro bidashobora kuruhukira canke ngo bigaruke. Reka ayo mavuta abe ayanesha mu karere kose k'ubuzima bwanje.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Nta ngogo injako. Kubw'aya mavuta atangaje, nta muzigo, nta n'akarimbi, canke n'agahahazo bishobora kunyihambirirako mw'izina rya Yesu.

KUNONOSORA INYIGISHO
Ab'i Galatiya 5:1

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 270
Yesaya 45-46; Ab'i Filipi 4



GoodNews DAILY

INTSINZI ZITARIMWO ICUYA

Yosuwa 10:11
Maze bakiriko barahunga Abisirayeli,... Uhoraho arekura iminana ivuye mw ijuru,.... Nuko barapfa: abishwe n' urwo rubura baruta abo Abisirayeli bicishije inkota.

Icanditswe c'uyu musi kivuga intambara aho abansi benshi bishwe n'urubura rwarungitswe n'Imana kuruta inkota za Isirayeli. Ivyo vyavuyemwo ntivyavuye ku buhinga, ubuhinga canke inkomezi z'abo bagabo b'inkomezi ziruta izindi, ahubwo vyavuye ku gufasha kw'Imana.

Hari ibihe Imana Idashaka gutanga ububasha bwo kurwana gusa. Iba Ishaka ko bimenyekana ko Yo ubwayo yinjiye mu ntambara nk'umurwanyi. Ni igikorwa c'akumiza. Uyu mwaka, Imana ishaka ko bigaragara ata nkeka ko intsinzi idashikwako n'inguvu zawe. Urugamba ntirugihabwa abandi; Imana Ubwayo Iriko Irakurwanirira kugira ngo ntihagire uwuri n'umubiri ashobora kwiha ico icubahiro.

Muri iki kiringo, ntupime intsinzi urabiye ku nguvu ukoresha. Raba ukuboko kw'Imana gukora ivyo Yo yonyene ishobora gukora mu buryo budasiga amakenga ko ari yo yonyene yashikanye ku tsinzi.

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze kungwanirira no kumpa intsinzi. Reka ivyamwa bishingire intahe ko ari ukuboko Kwawe gusa.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Imana Ubwayo irangwanirira, kandi intsinzi ntihakanwa. Abansi banje bazoba abansi hagati yabo. Nzoshingira intahe!

KUNONOSORA INYIGISHO
2 Ngoma 20:15

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 271
Yesaya 47-49; Ab'i Kolosayi 1



ABANSI BATEKANYE

Imigani 16:7
Inzira z'umuntu iyo zihimbaye Uhoraho. Atuma n'abansi biwe buzura na we

Muri uyu mwaka w'amavuta atangaje, Imana yaraguhaye amahoro n'abansi bawe biciye mu gutera ubwoba kwera. Nta biganiro bikenewe. Imana iriko iratorera umuti ibintu imbere y'uko ushika. Ni nk'aho woba witeze intambara ndende kandi iramba, ugasanga umucamanza yamaze guca urubanza mu neza yawe kera cane imbere y'uko ibirenge vyawe bikora ku ngazi za sentare. Ntuzokwinjira kugira ngo urwane, ahubwo uzokwinjira ngo wegeranye.

Genda wizigiye mur'uyu mwaka uzi ko Imana yamaze kukuja imbere kandi ikagutegurira inzira yo kugendera mu mahoro. Nezerwa uzi ko abansi bawe bazoba abagenzi bawe muri uyu mwaka. Ntibizoba ari uko bagukunda canke imitima yabo yahindutse, ahubwo ni uko bagutinya. Abahora bakurwanya ubu bazokwifata, kuko bazomenya ko guhangana nawe bifise ingaruka. Haleluya!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze guhangana n'abanrwanya. Kubera Wewe, nzogendera mu mahoro.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Umwansi wese azohungabana iyo ambonye, avuze izina ryanje gusa. Nta n'umwe azonyubahuka, kuko Imana iri kumwe nanje. Ibiraka biriko biraza. Amafranga ariko araza. Nta muntu azompagarara imbere!

KUNONOSORA INYIGISHO
Zaburi 2:1-5

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 272
Yesaya 50-52; Ab'i Kolosayi 2



IGIKURAHO IMINKANYARI

Itanguriro 18:14
Mbega har' ikinanira Uhoraho?...

Bibiliya itubwira ko Sara yari afise imyaka mirongo itandatu n'itanu igihe abahungu ba Farawo bamuraba bakibwira bati: "Mamma Mia!" Mirongo itandatu n'itanu! Umwanya, imyaka be n'ibinyabuzima ntivyari bifise ububasha bwo gutuma adakundwa abantu. Nta minkanyari yagira.

None Esiteri we? Dufatiye ku rutonde rw'ibihe, yari afise hagati y'imyaka mirongo icenda n'itanu gushika kw' ijana na cumi n'itanu igihe yazanwa mu ngoro y'Umwami Asuwerusi. Yamara Bibiliya ivuga ko yahiganwa n'abakobwa batoyi maze aratsinda! Uwo Esiteri ashaje aca atera inkoni yiwe, umwami acavuga ati: "Uwo ni we nkunda."

Ntukore ikosa ryo kwiyumvira ko ndiko ndabwira abagore gusa hano. Ndiko ndakumenyesha ko "iminkanyari" y'umubiri, yo muri kahise, n'iy'amafranga itazogukura mu vyo Imana iriko irakora mur'uyu mwaka. Ivyiyumviro vyawe vya kera ntibizogutera ingorane. Ivyasa n'ibiheze bizohinduka akataraboneka. Ico cari cagukura mw'ihiganwa kirirengagijwe. Umwami ariko ararangura igikorwa ciwe kidasanzwe!

ISENGESHO RY'UYU MUSI

Data, urakoze gukora ivyo wewe wenyene ushobora gukora. Ikimenyetso cose c'uguteba, c'uguhagarara, n'ugukurwamwo kizimanganywe kubw'igikorwa cawe kidasanzwe mu buzima bwanje.

UKWATURA KW'UBUVUGISHWA

Guteba biraheze! Umwanya wanje uracunguwe, kandi iminkanyari yose ya kahise kanje irakuweho. Icankuramwo cahinduwe kubw'igikorwa c'Imana kidasanzwe. Haleluya!

KUNONOSORA INYIGISHO
Itanguriro 12:9-15; Esiteri 2:7-17

GUSOMA BIBLIYA MUMISI 365– UMUSI W' 273
Yesaya 53-55; Ab'i Kolosayi 3



IGIKORESHO CAWE

C'UBUVUGISHWA IMISI YOSE

Igitabo c'Inkuru nziza Buri musi kibahereza imigwi itandukanye y'inyigisho ziyumviriweko kuva kubana bato hamwe n'imiyabaga, bigahrekeza igitabo nyamukuru c'abakuze. Integuro yose itanga Ijambo ry'ubuvugishwa ry'umusi ku musi rivuye mu mutima w'Umuvugishwa n'Imana Uebert Angel, rikashikirizwa mu buryo buvuga ku ntambwe yose y'ubuzima kandi bugahuza umwe wese mu bagize umuryango wose.

Ibi bitabo vyashizwe hamwe neza kugira ngo Ijambo ry'Imana rihinduke rizima mu buryo bworoshe kandi buzana impinduka, bifashe abasomyi gukura mu kwizera, mu gutahura no mu gukura mu vy'impwemu. Intumbero yacu ni ugutuma ukuri kw'Imana gushika mu mutima w'umuntu wese kandi tugafasha imigwi yose abana, imiyabaga, abakuze bigatuma umuntu agendana n'Imana buri musi.



IGITABO C'IMIYABAGA

Kija I bwina kigatanga inyigisho zokemeye, zituma imiyabaga ishobora guhangana n'ibibazo vy'ubuzima ikoresheje ubwenge n' ubushobozi vy'impwemu.

IGITABO C'ABANA

Kigenewe gutanga ivyiyumviro vy'ishimikiro vy'ukwizera, urukundo n'amasezerano y'Imana mu buryo bworoshe kandi buryoshe kandi bufasha imitima y'abakiri bato gutsimbataza ubucuti bukomeye n'Imana no gutuma Bibiliya icika ubuzima.

Imisi yose, uzoronka Ijambo ryawe ry'Ubuvugishwa ry'Umusi ryanditswe n'Umuvugishwa Uebert Angel, ubutumwa buva ku Mana bwo gukomeza urugendo rwawe n'Imana no kukuyobora mu kubaho wisunze Ijambo ryayo. Ni uburyo bukomeye imiryango ikurira hamwe mu kwizera no kurushiriza gutahura ukuri kw'Imana .

NTIBIGUCIKE!

Tangura kwibonera ububasha buhindura bw'Inkuru nziza ya Buri musi, ubuyobozi bw'ubuvugishwai bugenewe kuduza no gutera intege kira runganwe rwose!

SCAN ME



UMWAMI WACU

YESU KRISTO

Umwami wacu Yesu Kristo ni we buye ry'imfuruka ry'ukwemera rukristo. Ubuzima bwiwe n'inyigisho ziwe vyaragize ico bikoze cane ku bijanye n'ingene kahise kagenda. Umwami wacu Yesu Kristo azwi cane kubera imbabazi ziwe zitagira uko zingana, ubukerebutsi bwiwe n'ibitangaza yakoze. Ubutumwa bwiwe bwari bushingiye ku rukundo, imbabazi, n'isezerano ry'ubugingo budashira, bugatanga icizigiro n'ugucungurwa ku bamwizera bose. Mu gikogwa ciwe cose, yaragendeye ibihugu vy'i Yudaya, arakiza abarwaye, arahumuriza abagowe, yigisha ivy'ubwami bw'Imana budashira.

Kwakira Yesu Kristo nk'Umwami wawe n'Umukiza wawe bwite bisigura kwemera inyigisho ziwe no gutumira ukubaho kwiwe guhindura mu buzima bwawe. Ni urugendo rugushitsa kuguhazwa mu vy'impwemu, rushingiye ku kwizera, urukundo n'isezerano ry'agakiza.

Biciye mu Mwami wacu Yesu Kristo, turaronka inkomezi, ivyizigiro, n'inzira ijana mu mahoro yamaho. Gukira, canke gukizwa, ni ukwiyegurira Imana no k' umugambi n'intumbero yayo ku buzima bwacu. Ni ukuva mu ngeso za kera tugahindukirira Yesu Kristo, tukamusaba imbabazi z'ibicumuro vyacu, akaduha ubuzima bushasha muri we.

ABAROMA 10:9
"Kuko niwaturisha akanwa yuko Yesu ari Umwami, ukizera mumutima yuko Imana yamuzuye imukuye mubapfuye, uzokizwa."

Agakiza ni ingabire y'Imana ku buntu itugira abana bayo. Ni ukwemererwa mu muryango w'Imana burundu no guhabwa ubushobozi bwo kubaho mu buryo bushitse kandi bw'ukuri, ufise intumbero yo kwerekana Imana ku bindi biremwa vyayo vyose.



WOBA WARAKIRIYE

UMWAMI YESU?

"Kuko umwana w'umuntu yazanywe no kurondera no gukiza icari carazimiye"-Luka 19:10

TURAGUTUMIRIYE KWAKIRA YESU KRISTO NK'UMWAMI W'UBUZIMA BWAWE BICIYE MU GUSENGA RINO SENGESHO

"Mwami Imana, ndaje kuri wewe mw'Izina rya Yesu Kristo. Ndizera n'umutima wanje wose Yesu Kristo, Umwana w'Imana nzima. Ndizera ko yapfuye kubwanje kandi kw'Imana yamuzuye mu bapfuye. Ndizera ko ari muzima uyu musi. Ndatuye n'akanwa kanje ko Yesu Kristo ari Umwani w'ubuzima bwanje kuva uyu musi. Biciye muri we no mw'izina ryiwe, ndafise ubuzima budashira, ndavutse ubwa Kabiri"

Urakoze Mwami Mwami gukiza umushaha wanje!
Ubu ndi umwana w'Imana. Haleluya!"

Turagukeje!
Ubu rero ubaye umwana w'Imana.

Bandanya gukura mu kuguma mw'Ijambo ry'Imana, gusenga buri musi no kugumana ukwizera kwawe gukomeye. Imana ifitaniye nawe urugendo rukomeye cane imbere yawe.

Kugira ngo ubandanye ukura murugendo rwawe nk'umukristo, wotwandikira:

UK: +44 1244 727242 | USA +1 448 877 0344
RSA: +27 872 654 913 | ZWE +263 8677 211 645
WHATSAPP: 0773 195 955
EMAIL: GND@GOODNEWSWORLD.COM

SCAN ME



IMIRONGO YA BIBILIYA YO

GUKINGIGWA

Ukikujwe n'ubushobozi bw'Imana, nta kibi cokugwanya cokunesha!

YESAYA 54.

14. Ndakomeye kuko nshinzwe mu bugororotsi. Ndi kure cane yicongwanya cose, ntaco ntinya! Ibitera ubwoba ntibizonyegera!

15. Nihagira abantera, sinzokwigera nibwira kwari Imana yabarungitse. Kandi nihagira uwuntera, ntaco bizovamwo.

16. Ehe ni Imana irema umucuzi ahuha amakara y'umuvuba, agakuramwo ico kurwanisha kubwo ubuhinga bwiwe; ariko kandi niyo irema umuranduzi wokugeseza.

17. Ariko nta kirwanishwa bacuriye kundwanya kizogira ico kimara; kandi ururimi rwose ruzompagurukira kumburanya, rutsindwa ruboneke ko ruvuga ibinyoma. Ndi umukozi w'Imana kandi ivyo nivyo vyonyene nshobora kwitega kandi Imana izobishitsa vyose bimviremwo ivyiza gusa.

Ibi nivyo Imana ivuze kuri jewe kandi Ijambo ryayo ntirizonanigwa mw'Izina rya Yesu!

Kugira ngo ubandanye ukura murugendo rwawe nk'umukristo, wotwandikira:
UK: +44 1244 727242 | USA +1 448 877 0344
RSA: +27 872 654 913 | ZWE +263 8677 211 645
WHATSAPP: 0773 195 955
EMAIL: GND@GOODNEWSWORLD.COM

SCAN ME



IYEREKWA MPUZAMAKUNGU RIKENERA

UBURYO BW'ABANTU BO KW'ISI YOSE

BA UMUFATANYABIKORWA N'INKURU NZIZA YA BURI MUSI



Buri kwezi, abafatanyabikorwa bacu bitanga baratanga ku buntu kopi z'inkuru nziza ya Buri musi ku bantu bo mu bigo vy'impfuvyi, mu mabohero, mu bitaro, mu bigo vy'abageze mu zabukuru, mu mashure, mu bigo vya Leta no mu bindi bibanza vyinshi kw'isi yose. Twararonse intahe zitagira uko zingana z'agakiza, ugukira, ukwibukwa n'Imana, n'ibindi bitangaza vyinshi bivuye kuri iyo nzira yo gukwiragiza kw'isi yose ino nkuru nziza ya buri munsi.

Ifatanye natwe ube muri uwo muhari w'Imana w'ubuninahazwa, uhe umuntu impinduka ry'intango nshasha n'icizere gishasha c'ejo.

Kugira ngo ubandanye ukura murugendo rwawe nk'umukristo, wotwandikira:

UK: +44 1244 727242 | USA +1 448 877 0344
RSA: +27 872 654 913 | ZWE +263 8677 211 645
WHATSAPP: 0773 195 955
EMAIL: GND@GOODNEWSWORLD.COM

SCAN ME



UBUTUMWA BUMWE

MU NDIMI NYINSHI

KUKO UBUTUMWA BWA KRISTO NTA KARIMBI K'URURIMI BUFISE

Igitabu c'Inkuru nziza ya Buri munsi kiriko kirahindura ubuzima kw'isi yose biciye mu gusobanurwa mu ndimi nyinshi zivugwa cane, kigatuma abantu amamiliyoni bashobora kuronka ubumenyi bukiza bwa Yesu Kristo. Mu mahanga no mu mico kama, abantu kw'isi yose bariko barahura n'Ijambo ry'ubuvugishwa kandi bariko barahura n'Imana bigahindura ubuzima bwabo biciye muri iki gitabu.



Igitabu c'Inkuru nziza ya Buri munsi kiriko kiramena inzitizi kandi kikavugana n'imitima y'abantu mu rurimi rwabo bwite kavukire. Kuva mu ngo no mu mashure gushika mu mashengero, muri za kaminuza mbere no mu barongozi no mu baperezida, kiriko gishika ku rwego rwose rw'ikibano.

Mu gutwara Ijambo ry'ubuvugishwa ry'Umuvugishwa Uebert Angel mu mahanga yose no mu rurimi rwose, Igitabu c'Inkuru nziza ya Buri munsi kiriko kirafasha gushitsa Inshingano Nkuru muri iki gihe.

USHAKA GUSHIGIKIRA KINO GIKOGWA KURIKIRANA URUBUGA GWACU:

GoodNews DAILY

KAZE KUMBUGA

NGURUKANABUMENYI ZACU



RONKA VYINSHI UYU MUSI MU GUKWIRIKIRANA URUBUGA GWACU RWA INTERENETI

Kurikirana urubuga rw' Inkuru nziza ya Buri munsi kugira ngo uronke ibitabo vy'abantu bakuze, imiyabaga n'abana bato, kimwe cose canditswe neza kugira ngo gikomeze ukwizera kwawe kandi urushirize gutahura ijambo ry'Imana. Urubuga kandi rurafise inyigisho zifise ubukerebutsi zivuye ku Muvugishwa n'Imana Uebert Angel, amakuru mashasha ku bintu bishasha bibera mu mugwi ujejwe ibikogwa vyo kwandika inkuru nziza ya buri musi, n'ibintu vyinshi vyagenewe kugufasha gukura no gutera imbere mu bijanye n'ubuzima bwawe bwose.

Waba uriko urarondera ivyiyumviro vya misi yose bigufasha gukura, ihishurirwa ryimbitse, canke uburyo bwo kugumana n'ihanga ry'inkuru Nziza (Good News World) , ivyo ukeneye vyose biraboneka ahantu hamwe ku rubuga rw'inkuru nziza ya buri musi.

Gumana natwe biciye ku mbuga ngurukanabumenyi zacu:
@goodnewsdailydevotional



Mukaba mukeneye kumenya ibindi bijanye n'ingene wokura nk'umu Kristo, dushikirize ubutumwa bwawe uciye kuri:

UK: +44 3333 448 612
USA: +1 240 781 6942
RSA: +27 51 004 0209
ZWE: +263 773 195 9555

gnd@goodnewsworld.com
goodnewsdailydevotional.com

FOTORA HANO KUGIRA URONKE KOPI YA GUSA BIGIYE KURI TEREFONE